UNIVERSITÉ DU BURUNDI
GRENIER DU SAVOIR DU BURUNDI
Dépôt institutionnel officiel
https://repository.ub.edu.bi

Imiryngo y’ábatwá bgerreye i mahnda nómu bihînda murí komne Mpnda n’âmôko y’înkóno babmbá

Niyubushobozi, Annociate; sous la direction de ; Bukuru Denis

2018-11
UB
https://repository.ub.edu.bi/handle/123456789/133

Document téléchargé depuis le **Grenier du Savoir du Burundi** — https://repository.ub.edu.bi

UNIVERSITE DU BURUNDI

FACULTE DES LETTRES ET SCIENCES HUMAINES

DEPARTEMENT DE LANGUES ET LITTERATURES AFRICAINES

IMIRYĀNGO Y'ÁBATWÁ BĂGERĒREYE I MAHŌNDA NÓ MU BIHÎNDA MURÍ KOMĬNE MPĀNDA N'ÂMÔKO Y'ÎNKÓNO BABŪMBÁ

Par

NIYUBUSHOBOZI Annociate

Sous la direction de :

Denis BUKURU (PhD)

Mémoire présenté et défendu publiquement en vue de l'obtention du Grade de Licencié en Langues et Littératures Africaines

Bujumbura, novembre, 2018

ITÛRO

Iki gikorwágitūwe:

Abavyêyi bānje NIBIZI Aloys na NICAYENZISéraphine,

Abavûkanyi twăsāngiye ibêre, NDAYIZEYE Edouard، NIBONA Nestor، INAMAHORO Evangeline، NIYERA Abel، NISABWE Angelo na AKIMANA Jean Bertrand;

Umucâncé wānje,KWIZERA Fréderic;

Abânabâcu GAHORE Joy-Praise na GAHORE Digne deGloire;

Incutí n'ábagēnzi bānshiká ku mutíma;

Abo böse bĭtāye ku rutáre kugíra nshiké kurí iyi ntâmbwé.

Annociate NIYUBUSHOBOZI

GUKĒNGURUKA

Mbānje gushīmira bimwé bidasānzwé abavyêyi bănyibarutse, bakāndera, bakānshira kū ntébe y'íshŭre, bakāndōnsa bánēzerewe ivyó nabásaba vyöse kuva mu mashŭre matômató gushika murí kaminûza, Imâna ibibáhēzagirire.

Iki gikorwá sinaríkugíshobora namba iyó ntahabóna umurezi ari wé muhētsi wānje,umwĭgīsha BUKURU Denis. Uwo yamfáshije vyĭnshi mu guhéba umwănya wîwé n'íbĭndi bikorwá vyîwe vyĭnshi aríko arêmera aranyîtahó, anāmpa impanūro zöse n'íngēndo zibēréye.Amashīmwe yānje amushikîre avūyé ku mutíma.

Mboneyehó gushīmira kăndi imiryāngo ya NIYONKURU Emmanuel, NGENDAKURIYO Daniel na NIYONGABO Enock, na yó yambâye hăfi ndí ku ntébe y'íshŭre murí kaminûza mu kūndōnsa indâro. Urukûndon'ûmwîtwārariko bănyeretse Imâna ibibáhēre imigisha.

Nsōzereye nshîmira abashîngantăhe MISAGO Eugène na NIYINTERETSE Aaron, băkoze ibishóboka vyöse mu kŭmfasha kwāndika iki gikorwá. Iyó batăba bó iki gikorwá ntikibá gisómeka uku.

MURAKÓZE.

INSÍGŪRO Y'ÁMAJĀMBO Y'ÎSHÍMIKIRO

1.Icîvugo:amazína bavugá mu kwĭhaya iyó bagabányе cânke bátsīnze urugămba.

2.Umuziro: ikīntu kibujíjwe gukóra, kuryá, gukórakó cânké kuvúga, uwukírēnzekó n'ímpaká inkúrikizi mbí zikamushikira.

3. Akarānga: kameré yērékana ikīntu ukó kirí. N'úmūntu arafíse karāngamūntu; akarānga k'ábāntu ni ivyo vyöse bibarănga hâba mu bikorwá nó murí kameré kâbo.

4. Umucó: inyîfato y'úmūntu cânké abāntu kānāká basāngíye umugwi nk'úmuryāngo, ivy'úkwĕmera, intârá, akarêré n'íbĭndi.

5.Umugēnzo: inyîfato y'ábāntu mu kubahó kwâbo.

6.Umujabú:akabuye kībúrūngushuye bakūrá mu rûzi. Aha ababûmvyi bagakorēsha mu gusēna inkóno.

7.Umutegé: inkóno ihezé batarâtêra imbigá.

8.Umuyōmbe: inkóno bagihezá kubûmba batarâtúrira.

9.Ingānzo: imvá y'umwâmi. Aha ingānzo isigūra ikinogó bakūramwó ibŭmba.

10.Uruzino: amâzi avānzé n'úmutí ababûmvyi bazimîsha inkóno báhejeje kuzōkōra.

11.Amabûmbirobûmbiro: amâzi yatobékaye bākorêsheje mu kubûmba.

12. Amagárwe: udusharizo bashirá kū nkóno.

INSÍGŪRO Y'ÍMPFUNYAPFUNYO

p. : ku rupapuro rwā…

pp.: kuva ku rupapuro rwā …..gushika ku rwā….

PCDC (Plan Communal de Developpement Communautaire) : umugǎmbi wa kómĭne ujējwé itērambere ry'âbênegíhugu böse.

RN (Route Nationale) : ibarabara rikurú.

Op.cit.: vyāri vyâvúzwe.

M.N :menya nêzá.

± :(plus ou moins) bishiká cânké birēngá gató.

Hab/ km^2 : abāntu babá mu kirómētéro - kwādarăto kimwé.

pI: urupapuro rwā mbere mu bihárūro vy'Ábarómăni.

IBIRÍMWO

ITÛRO **i**

GUKĒNGURUKA **ii**

IBIRÍMWO **v**

IKIGABÁNE CĀ MBERE: **8**

INTÂNGAMÁRĀRÁ **8**

1.1. Insígūro nkîkūro y'ígikorwá 8

1.2. Ihāngiro ry'ígikorwá 2

1.3. Igihe n'ákarêré k'ítōhōza 2

1.3.1. Igihe 2

1.3.2. Akarêre k'ítōhōza: Ikómĭne ya Mpanda 2

1.3.3. Kudôndōra ikómĭne ya Mpānda n'âhó iherêreye 3

1.3.4. Abāntu 4

1.3.5. Ikómĭne ya Mpānda mu vy'úbuhĭnga n'ímyūga 4

1.3.6. Umwūga wó kubûmba inkóno murí komĭne ya Mpānda 5

1.4. Inkurú n'úbuhĭnga bwó kuzēgeranya 6

1.4.1. Ubuhĭnga ni ikí? 6

1.4.2. Ubuhĭnga bwăkurikijwe mu gutōhōza 6

1.5. Ivyăsabwe ku bătanze inkurú 7

IKIGABÁNE CĀ KÁBIRI: **10**

ABATWÁ B'Í MAHŌNDA NÓ MU BIHÎNDA, AKĂHISE KÂBO N'ÍMIGĒNZO YÂBO **10**

2.1. Amâmūko y'Ábatwá b'í Mahōnda n'îtûra ryâbo kurí uwo musózi 10

a) Umuryāngo 10

b) Umuryāngo ni ikí? 10

2.2. Imiryāngo y'Ábatwá b'i Mahōnda n'âmâmuko yâbo 11

2.2.1. Umuryāngo w'Ábăzāge-Batwa 12

A. Izína n'îcîvugo c'úmuryāngo 12

B. Ibisáta vy'úmuryāngo w'Ábăzāge-Batwá....12
C. Amâmūko y'Ábăzāge-Batwá....13
D. Ingéne băshitse i Mahōnda....13
E. Igihe băshikiye i Mahōnda....14
F. Ahó bătānguye kugerēra....14
G. Imicó n'ímigēnzo yâbo....14
H. Imigĕnderanire yâbo n'íyĭndi miryāngo....15
I. Abo basabána n'âbó badasabána abageni n'ûkó vyīfáshe ubu....15
J. Imiryāngo băgerēreye....16
K. Ivyo băzira n'îngéne vyīfáshe ubu....17
a) Imiziro ní ikí?....17
b) Ibizíra vy'úmuryāngo w'Ábăzāge-Batwá....18
2.2.2. Umuryāngo w'Ábahânza....19
2.3. Imiryāngo y'Ábatwá bó mu Bihînda, amâmūko yâbo, imicó n'ímigēnzo yâbo....19
a) Amâmūko y'Ábatwá bó mu Bihînda....20
b) Imiryāngo y'Ábahutú ihāná imbíbe n'Ábatwá bó mu Bihînda....21
IKIGABÁNE CĀ GÁTATU:....21
UMWŪGA WÓ KUBÛMBA KW'ÁBATWÁ B'Í MAHŌNDA NÓ MU BIHÎNDA N'ÂMÔKO Y'ÎNKÓNO....21
3.1. Umwūga wó kubûmba inkóno....21
3.1.1. Inkóno n'ákamaro kâyo mu Burŭndi....22
3.1.2. Kubûmba inkóno: umwūga kāmá....22
3.1.2.1. Umwūga icó arí co....22
3.1.2.2. Umwūga wó kubûmba inkóno n'ábawîtīrirwa....23
a) Ukubûmba inkóno kwēgáAbatwá....25
b) Ukubûmba kwēgá abatári Abatwá....25
3.2. Umwūga wó kubûmba kw'Ábatwá b'í Mahōnda....27
a) Ibikórēsho n'îyó bivá....27

b) Intâmbuko nkurûnkurú n'îngéne zikuríkirana.....28
c) Ugushōra inkóno 32
d) Amôko y'înkóno z'í Mahōnda nó mu Bihînda 33
3.3. Imigírwá yó kubāndwa nó gutérekēra mu Burŭndi 38
3.4. Inkóno ya Bigōmbo 40
3.5. Imiziro ijānyé n'ŭwo mwūga n'ûmwîhwēzo wâyo 42
3.6. Itērambere mu mwūga wó kubûmba i Mahōnda nó mu Bihînda 44
IKIGABÁNE CĀ KÁNE: 45
AMAYĂGWA AJĀNYÉ N'ÚMWŪGA WÓ KUBÛMBA 45
4.1. Amayăgwa, irivúga kuyāga 45
4.2. Umugani wa "Mwîshwa wa Rwānkiriza" 46
IBIBÁZO VY'ÍTŌHŌZA 52
URUTŎNDE RW'ÁBATÂNGANKURÚ 54
URUTŎNDE RW'ÍBITABU VYĂKORĒSHEJWE 58
INYÓNGERÁ 60

IKIGABÁNE CĀ MBERE:

INTÂNGAMÁRĀRÁ

Mu myâka twămaze dúkurikirana ivyĭgwa vyērékeye abāntu mu kubahó kwâbo, twătegerezwa kwĕrekana ivyó twăvōmye mu butûnzi ndângamíco cânké, ndāngakarānga ndetsé nó mu vy'ímyūga.

Si ukóAbatwá ari bó bāntu babá murí ako karêre ku bwĭnshi, cânké si ukó umwūga wó kubûmba inkóno arí wo mwūga wônyené uharăngwa; ahŭbwo ni kubêra kĕnshi na kênshi imiryāngo y'Ábatwá uměngo irasūzugurwa nk'âhó ataco ishobóye. Abavúga na bó ndetsé n'ábăndika ku bijânye n'ímiryāngo n'ímyūga bakîyobagiza kó Abatwá na bó bafisé imiryāngo itāndúkānye kăndi kó imyūga mu Burŭndi arí myĭnshi n'ûwó kubûmba inkóno urímwó. Ni murí iyo ntūmbēro twăhisemwó iki gikorwá.

1.1. Insígūro nkîkūro y'ígikorwá

Umūzo w'ábazŭngu mu Burŭndi warátumye Abarŭndi batarí baké bágira ibibázo vyŭnshi ku bijânye n'ímiryāngo, ubumenyi n'úbuhĭnga vy'Ábarŭndi, ivyo vyöse vyătēye intâmbwé bíja inyuma, bítēwe n'înyígīsho n'íbikorwá vy'íkizŭngu vyăkūnzwe cāne bigatuma bamwé báta akarānga.

Murí uko gutá akarānga, urwāruka rwā nônė ntirukimenya icó ari có imiryāngo, imyūga, imiziro n'íbĭndi. Birakenewe rēró kó Umurŭndi wëse, na cāne cāne umwānditsi, yōgirá icó atēréreye mu kwĕrekana nêza ivyĕrekeye imiryāngo mu Burŭndi, imicó y'ábantu, imigēnzo, imyūga, imiziro,…

Iki gikorwá si icāmbere murí iki gisatá c'ímiryāngo n'úbuhĭnga. Căravúzwekó n'ábānditsi b'Ábarŭndi ndetsé n'ábanyámahănga bamwêbamwé bănditse ku migēnzo, akarānga n'ímicó vy'ábarŭndi.

Murí iki gikorwá twărōndeye kumenya idó n'îdó ku bīntu bibiri:

-imiryāngo y'Ábatwá b'í Mahōnda nó mu Bihînda: amâmūko yâbo, imicó n'ímigēnzo yâbo n'íbĭndi;

- umwūga wó kubûmba: ivyó babūmbá, ubuhĭnga, ibikórēsho, imiziro n'ámayăgwa bijānyé n'ŭwo mwūga.

1.2. Ihāngiro ry'ígikorwá

Murí maké, ihāngiro twĭhāye murí iki gikorwáni:

a. Kumenya imiryāngo yóse y'Ábatwá băgerēreye i Mahōnda nó mu Bihînda, inkómōko yâbo imicó n'ímigēnzo yâbo;

b. Ukwĕrekana n'úkudôndōra amôko y'înkóno zibūmbwá n'ăbo Batwá, ubuhĭnga, ibikórēsho, akamaro kâzo,…

c. Kwĕrekana imigirwá, imiziro n'ámayăgwa bijānyé n'ŭwo mwūga.

1.3. Igihe n'ákarêré k'ítōhōza

1.3.1. Igihe

Iki cĭgwa cīshimikiza kuva imbere y'ûkó Uburŭndi bwīkûkira, inyuma yâho, nó kugeza uyu mŭnsi.

Ihítamwó ry'ĭki gihe ryătumwe n'íbitabu twăgiye turasoma, ivyĭgwa twăgīye turabóna, n'ínkuru twăgīye turahâbwa n'ábadúkurira.

Hari ibitabu bivugá ku myūga, ku miryāngo, ku batwá,… bikavuga ivy'ímbere yó kwĭkūkira n'îvy'ínyuma yâho; hakaba kăndi n'ábatângankurú băshoboye kudúha amakurú bŭmvanye bā sé na bā sêkúru bâbo, ndetsé n'âyó bĭboneye kuva bákiri bató.

Bimwêbimwémuríivyo bitabu ni nk'ígitabu cănditswe na BIGIRIMANA Alexis ku muryāngo w'Ábacăba, SADIKI Elie ku muryāngo w'Ábashûbi b'í Gitára kwa Karabôna, RUCAKUMUGUFI Seraphine ku majāmbo yērékeye umwūga wó kubûmba, NENGO Emmanuel mu gitabu cā kazīndūzi k'amajāmbo yērékeye umwūga wo kubûmba, NDAJUJUTA Tatien mu gitabu yănditsé cērékeye imyūga yó kubûmba nó gucúra mu Kayōkwe, n'íbĭndi vyĭnshi.

1.3.2.Akarêre k'ítōhōza:Ikómĭne ya Mpanda

Akarêré k'ítōhōza kăbāye imitŭmba ibiri; uwa Mahōnda n'úwa Bíhīnda. Ivyo vyătēwe n'înyôta yó kumenya nêza atâ kāngonōngono amakurú yóse dukenéye kumenya.Umwānditsi yītwá Lévi

- STRAUSS[1]nawényéne aratumenyēsha kó itōhōza, kugíra ritōmôke nêzá, ritegérezwa kugira imbíbe mū ntūmbēro yó kwŏrosha kugira insígūro z'íbivûye murí ryózibá iz'ăho hāntu nyéne. Yámará twărahaményeye n'ívyĕrekeye uturêre tuhakĭkūje, uturêré tûndi dusāngamwó imiryāngo yâbo, ahó bamwé băje báva cânké ahó băkūye abageni, ahó abagēnzi n'íncutí zâbo barí n'íbĭndi.

1.3.3.Kudôndōra ikómĭne ya Mpānda n'âhó iherêreye

Ikómĭne ya Mpānda iherērеye mu gícé có mu bumanuko bw'întârá ya Bubānza.Ihāna imbíbe, mu burârūko n'îkómĭne ya Bubānza, mu burêngero n'îkómĭne ya Gíhānga, mu burârūko bushīrá ubuseruko n'îkómĭne ya Músigâti, mu bumanuko bushīrá ubuseruko n'îkómĭne ya Rúgazi; ayo makómĭne yöse akaba ari mu ntârá ya Bubānza.

Urûzi rwā Mpānda ni rwó rugabúra iyokómĭne n'ámakómĭne ya Músigâti, Bubānza na Gíhānga. Na rwó urûzi rwā Músĕnyi hamwé n'íbarabara rikurú RN^{o} 9 ni vyó bigabúra ikómĭne ya Mpānda n'îkómĭne ya Rúgazi. Iryo barabara nyéne hamwé n'íbarabara ritôyi ryā 12 ryā Nyámabêre ni vyó biyigabúra n'îkómĭne ya Mutīmbuzi irí mū ntâra ya Bujūmbura mu gicé có mu bumanuko.

Iyo kómĭne ifise intârá kāmá zibiri: mu Mirwa (mu buseruko bw'íbarabara RN^{o}9 hamwé n'ímbo (mu burêngero bw'ĭryo barabara RN^{o}9).
Ikómĭne ya Mpānda igizwe n'ámazŏne abiri agizwé n'ímitŭmba ya rusānsuma 15 nk'ûkó birí murí iki kigára:

ZŎNE	UMUTŬMBA
Butanuka	Butanuka Butēmbe Gahwâzi I Gahwâzi II Gatāgura Kănēnga Masha Nyŏmvyi Ruziba
Musĕnyi	Gifúrwe Murĕngeza Musĕnyi Nyamábēre

[1] Lévi-Strauss (Cl.), Anthropologie structurale deux, Plon, Paris, 1973.
« Pour être légitime, la recherche doit se restreindre à une petite région aux frontières nettement définies et les comparaisons ne sauraient être étendues au-delà de l'aire choisie comme objet d'étude. », p10.

	Rubira Rugêngé

Isôko:Administrationcommunale;Novembre, 2008

Plan Communal de Développement Communautaire (PCDC) – Mpanda, 2009-2013.

1.3.4. Abāntu

Mu bihárūro vyăkozwe n'úmugwiujējwé igisátac'ábāntu mu bushikirangānji bwó hagatí mu gihúgu n'ítērambere ry'ámakómĭne, ikómĭne ya Mpānda yarí igízwe n'ábāntu ibihūmbi mirōngo itānu na bítānu n'ámajana atānu na cúmi na bátānu (55 515) mu mwâka w'íbihūmbi bibiri n'índwi (2007), ibihūmbi mirōngo itānu n'índwi n'ámajana atatu na mirōngo itāndátu na bátatu (57 363) mu mwâka w'íbihūmbi bibiri n'úmunăni (2008), ibihūmbi mirōngo itānu n'ícĕnda n'ámajana abiri na mirōngo irīndwi na báne (59 274) mu mwâka w'íbihūmbi bibirin'ícĕnda (2009). Ivyo vyērekana kó ku kiromētéro kwādarăto kimwé habá abāntu amajana ané na mirōngo iné na bábiri (442 hab/ km^2). Abo bāntu böse baba mu burĭnganire būngana n'íbiromētéro kwādarăto ijana na mirōngo ibiri na bítānu n'ígicé(125,5km^2).

1.3.5. Ikómĭne ya Mpānda mu vy'úbuhĭnga n'ímyūga

Igisáta c'úbuhĭga n'ímyūga, nâhó tutōvuga kó gitēyé imbere rwöse murí komĭne ya Mpānda, ni kimwé mu bisáta bitāngá uburyó bwó kubahó ku miryāngo itarí miké yó murí iyo kómĭne.

Kubêra kó iyo kómĭne ifíse abāntu bĕnshi bayibamwó (442hab/km^2), igisáta c'úbudândaji n'îc'úbuhĭnga n'ímyūga ni vyó bīzá gutôrera umutí ikibázo có kubahó kw'ímiryāngo myĭnshi, hā ruhănde y'úburimyi n'ûbwôrōzi.

Murí ico gisáta, ubuhĭnga n'ímyūga twōvugá ibonéka bisá n'íbigwîriye ni: ububāji, ukubûmba amatáfari n'ámatigura, ukubûmba inkóno, ukujîsha ibisīmbo n'íbirago, ugucúra, uguhîngūra amasábuné, ugutêka imikâte, n'íbĭndi n'íbĭndi.

Iki kigára cătānzwe na PCDC- Mpānda mu myâka ya 2009- 2013 cērekana ubuhĭnga n'ímyūga bimwêbimwé vyó murí Mpānda n'íbitígiri vy'ábāntu babikorá

	Igitígiri			Ababíkora		%
	Musĕnyi	Butanuka	Komĭne yöse	Kugiti cā mūntu	Mu mashírahámwe	
Ukubāza	14	30	44	44	0	13
Ukubûmba amatigura	0	43	43	3	40	0,9
Ukubûmba	7	2	9	23	0	7

amatáfări						
Ukubûmba inkóno	46	175	221	221	0	65
Ukujîsha ibirago n'íbisīmbo	0	27	27	27	0	8
Ugucúra	0	18	18	18	0	5
Ugutêka imikâté	2	1	3	5	0	1,5

Twîhwēje iki kigára, tubona kó umwūga wó kubûmba inkóno ari wó uzá imbere mu gukórwa n'ábāntu bĕnshi, ugakurikirwa n'ûwó kubāza, mū nyuma hakāza uwó kujîsha ibirago n'íbisīmbo, hānyuma uwo kubûmba amatáfări.Umwūga wó gucúra, kubûmba amategura nó gutêka imikâte iza ubwā nyuma kubêra ikórwa n'ábāntu baké cāne.

Hari imyūga atā mūntu n'ŭmwe ayikóra murí zŏne ya Músĕnyi, nkó kubûmba amatigura, kujîsha ibirago n'úgucúra. Ivyo biva ku bukené bw'íbikórēsho nó kwĭtahó uburimyi n'úbudândaji, na cānecâne kó hagwīríye isí ndimwá hakaba n'ákagurirokaníni kā Músĕnyi; ivyo bituma bĕnshi batĭtahó imyūga.

1.3.6. Umwūga wó kubûmba inkóno murí komĭne ya Mpānda

Nk'ûko duhejéje kubívuga aho hējuru, umwūga wó kubûmba inkóno ukorwa n'ábāntu batarí baké túrāvye ibitígiri vy'ábakóra iyĭndi myūga murí iyo kómĭne.Yámará rēró, biragōye kumenya igitúma inkóno zitagwīríye mu bāntu kăndi abazíbūmba arí bĕnshi. Nk'ûkó twābibŏnye, ibikórēsho vy'íkizŭngu nk'ámasafuriya n'íbĭndi bikorérwa mu makūngu kăndi birazīmye aríko ntâ muhana n'ŭmwe udasăngá utûnze nk'ámasafuriyá atatu cânké arēngá; wîhwēje imihana ikorêsha inkóno z'íkirŭndi usānga arí miké cāne ndetsé n'ábazífise usānga arí nk'ĭmwe gusa.

Bigōye kăndi kumenya ingéne abāntu batatu bōtēká imikâté ikwīrá ikómĭne yöse, abāntu icĕnda bakabûmba amatáfări yūbátse inzu zó murí komĭne yöse aríko abāntu amajana abiri na mirōngo ibiri n'ŭmwe ntibábūmbe inkóno ngo zikwīré abênegíhugu böse b'ĭyo kómĭne.

Abarŭndi bărayamáze bati: "*Ntākabúra imvo*", hari imvo zitumá inkóno zídakūndwá, umwūga wó kubûmba udáhurûmbirwa n'ábāntu bĕnshi, n'íbĭndi. Zimwé murí izo mvo turazigarukakó mu kigabáne cā nyuma kijānyé n'íngŏrane zirí murí uyo mwūga.

1.4. Inkurú n'úbuhĭnga bwó kuzēgeranya

1.4.1.Ubuhĭnga ni ikí?

Igikorwá cöse, câba ic'ámabóko, câba ic'úbwŏnko gisaba ubuhĭnga. Ubuhĭnga ni urukuríkirane rw'întâmbuko zisobânutse zikuríkizwa mu gushika kū ntūmbēro.[2]

Ntā gikorwá c'úbushākashātsi cânké uburōndezi, nk'ûkó twābivuzé, kitagirá isôko. Isôko ry'ĭki gikorwá ryări rífise imbizi zibiri:

- Ibitabu vyănditswe n'ábăndi (zā kazīndūzi, ibitabu vy'úmutsîndo, n'íbĭndi bitabu bitāndúkānye vy'úbumenyi n'úbuhĭnga birí ku rutŏnde rw'íbitabu vyăkorēshejwe).

- Amakurú twăkūye mu bāntu bícīye mw'ītōhōza.

1.4.2.Ubuhĭnga bwăkurikijwe mu gutōhōza

Irivúga «gutōhōza» rifise insígūro nyĭnshi. Zimwé murí izo zăratânzwe n'ábānditsi batāndúkānye:

Ukurōndera ukurí mu kwŭmviriza abakûzi aríko ubânjé kwēgeranya inkurú.

Ukurōndera ubuhĭnga bwó kubáza abashînga intăhe ku vyó bāzí, ni ukwĭga ikīntu gitēyé amadĭdāne mu kwēgeranya ivyîyumvīro vy'ábăndi kurí ayo madĭdāne.

Itōhōza ni ukwēgeranya ivyîyumvīro vy'ábăndi ku kibázo kānāká.[3]

Ahaníni inkurú zöse zări zíkenewe, kwări ukumenya imiryāngo, imicó n'ímigēnzo yâbo, imiziro, amâmūko yâbo; hamwé n'ûbwôko bw'înkono babūmbá. Ivyo ntitwări kubimenya tutēgéreye bĕnevyó, kanátsīnda băcīye umuganí mu kirŭndi ngo «*Akarí mū nda y'íngoma kamenywa n'úwayíkanye.*»

Amakurú băduhāye, amwé twărayănditse, turayáfatira amajwí, ayăndi turayîbónera n'âmâso yâcu ndetsé bimwé turabifotora.Ivyo vyöse bíheze, twăravyĕgeranirije hamwé tugira igikorwá cāndítse.

---

[2] CNUEH, Les enquêtes socio-économiques dans le cadre des projets urbains, Nairobi, Kenya 1987, p11
« La méthode est un ensemble de démarches raisonnées et suivies pour arriver à un but. »

[3]Larousse, Dictionnaire, Paris 1995, p1386

a) "Une enquête est une démarche intellectuelle qui a pour but la découverte des faits."
b) "Une enquête est une démarche intellectuelle qui a pour but l'amélioration des connaissances ou la résolution des doutes et des problèmes."
c) "il s'agit d'une recherche poussée d'informations, avec le but d'exhaustivité dans la découverte des informations inconnues au début de l'enquête et parfois la volonté de publication des informations collectées."

1.5. Ivyăsabwe ku bătanze inkurú

Abăduhāye inkurú, ahaníni ni abagabo n'ábagoré bó mu miryāngo y'Ábatwá, nó mu ruhănde rutôyí abatāma bó mu miryāngo y'Ábahutú n'Ábatūtsi b'ábabânyi bâbo.

Ivyăsabwe ku batânzi b'ínkuru vyăba arí ibi bikuríkira :

Kubá arí umūntu akuzé, yūbátse kăndi azí inkurú (ku vy'ímiryāngo);


Kubá arí umubûmvyi (ku vy'úmwūga).

Yámara rēró umuganí ntūcá uwukúze uca uwuwûzi, twăsānze hárihó n'úrwāruka rushobóra kuvúga inkurú nêzáatâbwôba cânké ugukêkeranya, mu gihe tubonáabĭtwa kó bakuzé bamwêbamwé bavugá bákēkeranya mu kutîbúka nêzá inkurúcânké mu gutînya kuména ibānga.

1.6. Umwîhwēzo w'ínkurú

Mu gusígūra nó mu kunôbōra inkurú twĭsūnze amakurú twăhāwe ahaníni n'ábatânganku rú, ibĭndi tubisoma mu bitabu, ibĭndi mu vyĭgwa twĭze mw'īshŭre, hamwé n'îvyó twări dúsānzwe tûzi.

Ikárata irāngá uturêré tw’ítōhōza


CARTE ADMINISTRATIVE DE LA COMMUNE MPANDA
N
29°25'0"E
Musigati
Bubanza
Ruziba
Kanenga
Gahwazi 2
Butanuka
Gahwazi 1
Butembe
Gatagura
3°10'0"S
Rugenge
Gihanga
Gifurwe
Mpanda
Nyomvyi
Masha
Murengeza
Musenyi
Rugazi
Nyamabere
Rubira
3°15'0"S
Mutimbuzi
LEGENDE
Limite des communes
Limite des collines
Zones d'enquêtes
Bubanza: Nom de commune
Gahwazi1: Nom de colline
1:100,000
IGEBU BURUNDI
Projection UTM Zone 35S
Datum :WGS1984
Cordonnées en degrés
Source: IGEBU
Mai 2014

IKIGABÁNE CĀ KÁBIRI:

ABATWÁB'Í MAHŌNDA NÓ MU BIHÎNDA, AKĂHISE KÂBO N'ÍMIGĒNZO YÂBO

2.1.Amâmūko y'Ábatwá b'í Mahōnda n'îtûra ryâbo kurí uwo musózi

a) Umuryāngo

Búrya kutámenya umuryāngo, kutámenya sogókuru na sógokúruza wāwe, ni ukuyoba, ni nk'ígití kitagirá imizi. Iki cĭgwa căje gíkurikira ibĭndi vyĭnshi bimazé kwāndikwa hâba ku miryāngo nó ku myūga.Dufise abāntu bĕnshi bătuboneye izûbamu kubóna kóakăhise k'Úburŭndi gakwīyé kugaragara bícīye mū nyandiko, mu kwĕmeza kó abarŭndi bafisé vyĭnshi bāzí kăndi bashobóye; kó imiryāngo y'Ábarŭndi arí myĭnshi kăndi ifisé akarānga kâyo n'íbĭndi n'íbĭndi.

Nabóní nka:Patíri Jean Baptiste NTAHOKAJA[4], mu gitabu cîwé c'ímigēnzo y'íkirŭndi, Joseph GAHAMA [5] , mu gitabu cîwé cērékeye akăhise k'Úburŭndi imbere y'úkwĭkūkira,Emile MWOROHA[6], mu gitabu cîwé cērékeye ingoma zā kêra zó mu karêré k'íbiyága biníni, Elie SADIKI[7], mu gitabu c'úmutsîndo yănditse ku muryāngo w'Ábashûbi b'í Gitára kwā Karabôna, hamwé n'ábăndi bĕnshi.

b) Umuryāngo ni ikí?

Iyó tuvuzé «*umuryāngo*» dusāngamwó insígūro nyĭnshi mberé ugasānga ntivyōróha kó umūntu wëse abōnyé iryo jāmbo atāhûra icó bashātsé kuvúga. Hari imvúgo zitāndúkānye dushobóra gusângamwó «umuryāngo»:

Imyĭbutsa: *Umuryāngo uryōha uryâna;*

Umuryâmbwá aba umwé agatukīsha umuryāngo;

Umubânyi niwémuryāngo;

Umuryāngo ubura icó ukumaríra ntuburá icóukumazá;

Umuryāngo uryānye urarîka;

[4] NTAHOKAJA, J.B.,Imigenzo y'ikirundi, ACCT, Bujumbura, 1978, p7-12
[5] GAHAMA, J., Histoire du Burundi, des origines à l'indépendance, Bujumbura, 1990, p18
[6] MWOROHA, E., Peuples et Rois de l'Afrique des grands lacs, le Burundi et les royaumes voisins du 19è siècle, Dakar, 1977, p109
[7] SADIKI, E., Umuryango w'abashubi b'I Gitara kwa Karabona: itohoza ryakozwe mu makomine ya Nyabihanga, Kayokwe, Ryansoro, Nyarusange na Gishubi, Bujumbura, 2008, p95

Umuryāngo mu guhóna ushēngera wöse;

Wīhōra uwâwé ugahonya umuryāngo;

Akarîwe nêzá karagwīra, inyama y'úmunûni ntiyōkwīye umuryāngo,...

Dukūnze kwŭmva bávuga ngo «*umuryāngo wa nâka uramenyēsheje ababânyi, incutí n'ábagēnzi kó uzôgândūka…* »

Hari n'ígihe bavugá ngo «*umuryāngo urîvyūra?*»bágōmba kubáza kó ab'í muhirá böse bakoméye.

Bashobora kăndi kuvúga ngo «*uwo mūntu ava mu bwôko bukará*» báshāka kuvúga kó abó mu muryāngo iwăbo böse bakará.

Iyo mvúgo yā nyuma niyó irímwo ubwôko bw'îmiryāngo y'Abarŭndi yănditswe na NTAHOKAJA nihó dusāngámwo umuryāngo w'Abahânza, w'Abavúmu, Abanyákaráma, Ababíbe, Abanyarwānda, Abatsĭndagire, Abashûbi, Abakămbāzi, …

Hari kăndi n'ábăndi bānditsi băshoboye kudúha insígūro n'úmucó mu kudutāhūza bimwé bishika kū nyôta ingéne hăgīye harábahó ihīndagurika rifatíye ku mūzo w'Ábazŭngu arí na bó bătānguye gutândukānya amôko bigatēra umuryâno n'úmubâno mubí mu Barŭndi.[8]

NTAHOKAJA, ku vy'ímiryāngo yavúze ati: «*Ahó Abarŭndi bătānguriye gutûra ku butaka bw'Úburŭndi ního n'īmiryāngo yatânguye kúbahó, kukó n'ímbere y'întwâro ya cămi, n'întwâro rúsăngi, abakúru b'ímiryāngo ni bó bătūngānya igihúgu mu gutûngāniriza bĕnecó.*»[9]

2.2. Imiryāngo y'Ábatwá b'i Mahōnda n'âmâmuko yâbo

Mw'ītōhōza twăgize twăkorēsheje «*Ubutōhōji ndôndōzi*» ahó twăgīye turashikiriza inkurú ukó twăzirōnse atáco dukūyekó cânké ngo twōngérekó.Hari ibibázo vyăca bírōnka inyishú n'íbĭndi bităshōka bízirōnka bívānye n'ûkó batabĭzi cânké bīgúmije nk'ûkó twăbivuze mū ntângamárārá, tugaca túbibāngīra.

Imiryāngo twăshoboye kurōnka yó murí abo Batwá b'í Mahōnda ni Abăzāge, Abarāngo, Abanyoni, Abazígāba, Abarima, Abashĭha n'Abahânza. Murí iyo miryāngo hagwīriyemwó ibiri gusa (Abăzāge n'Ábahânza).

[8] BIGIRIMANA, P C., Le rôle et la place du clan des Bajiji dans les structures politico-administratives de l'EtatBurundais des origines jusqu'au 20e siècle, Bujumbura, 2005, p6 :
« Le mot 'ethnie' a existé depuis longtemps en Europe et il a été collé sur la population burundaise à l'époque coloniale. »
[9] NTAHOKAJA, J.B., Imigenzo y'ikirundi, Bujumbura, 1977, p109

Tugōmba turabíre hamwé inyishú zătānzwe ku bibázo vyăbajijwe:

2.2.1. Umuryāngo w'Ábăzāge-Batwa

A.Izína n'îcîvugo c'úmuryāngo

Mu vy'úkurí nâhóakăhise kăgīye karadúsiga kubera imicó n'ákarānga bitērá bítītūka bigatērwa kăndi n'ûko bā sógokúru bâcu băgīye baradúsiga, ari nahó hăvūye ukugēnda akayŏmbekēre k'íragí kāmá ry'Úburŭndi, umuryāngo wöse wămye ugíra ishīngiro ryâwo ukagira icîvugo wīrâta muyĭndi

Igitêye intîmba rēró gusūmba ibĭndi ni ukó abărutse vubá batabitāhūra namba ntibágire n'úbwīra bwó kubíkurikirana bakībagira kó itûnga nyakúri n'ákarângamútima kâbo arího bihagáze.

Icîvugo ni « *amazína abāntu bavúga kugíra ngo bishorórōnge, máze abāntu bagaca bámenya bati nāká acīye aho; ayo mazína hari aho usānga asângiwe n'ákagwi kānāká* » [10]

Twîhwēje ivyîyumvīro twăhāwe n'ábatângankurú kw'ījāmbo «*icîvugo*», böse ntā n'ŭmwe yashóboye kutúbwīra nêza icîvugo n'âmâmūko y'îzína ry'úmuryāngo w'Ábăzāge.

BAREKENSABE[11] yavúze ati : «*Mu kurí jēwé nakúze ndávyūmva ntyó, dāwé atúbarira kó turí Abăzāge. Jēwérēró sīnzí igitúma twîtwa gútyo*.»

UwĭtwaNDERAGAKURA [12] na wé yavúze ati : «*Abăzāge ni ubwôko nk'úbŭndi, hari Abanyákaráma, Abarima, eka bĕnshi bĕnshi. Vyăvūye mberé kurí bā Sogókuruza kukó jēwé Sogókuruza GAHOYI narámwĭboneye, ni bó băbitubwīra kó turí Abăzāge*.»

BERANWA[13] yavúze ati : «*Jēwé uwo muhŭngu NDERAGAKURA ni mwĕnewâcu, arānduta ntá co ndamurushá ku muryāngo wâcu, uwo yarâmpêtse, na je nzi kó turí Abăzāge gusa*.»

B.Ibisáta vy'úmuryāngo w'Ábăzāge-Batwá.

Mu bisânzwe, abasângiye umuryāngo baba bákomōka ku musêkúru umwé; aríko umuryāngo umwé urashóbora kugira ibisáta bitāndúkānye bívānye n'úbutwâri umwé cânké uwŭndi yagíze mu kīntu agahéza akîyita akazína.Ako kazína abamwâmukakó bagahéza bakagáhērerekanwa kakagōmba kumera nk'îzína ry'úwŭndi muryāngo atáriwó.Ukwo nikó ibisáta bīzá mu

[10]SADIKI, E., op. cit.p.I
[11]BAREKENSABE, Mahonda, 14/05/2015
[12]NDERAGAKURA, Mahonda, 14/05/2015
[13]BERANWA, Mahonda, 14/05/2015

muryāngo. SADIKI Elie mu gitabu cîwé c'úmutsîndo twāvuzé haruguru kivugá ku muryāngo w'Ábashûbi b'í Gitára kwā Karabônaku rupapuro rwâco rwā mbere rw'ígihárūro c'Ábarómăni atānga insígūro y'íjāmbo *igisatá* uku gukuríkira: "*kimwé mu bihĭmba bigizé umugwi kānāká na có kikaba kígize umugwi kānāká*."

Ku bijânye n'íbisáta vy'úmuryāngow'Ábăzāge, abatângankurú twăvuganye bătubwīye kó kurí bó ivyo bisáta atavyo bāzí, ngo băkuze atávyo būmvá. Ivyo vyătwēretse kó mu Batwá b'í Mahōnda atā bisáta biharí.

C. Amâmūko y'Ábăzāge-Batwá

Ikīntu cöse kirafíse ahó kivá, igití mu gukúra kiba gífise imizi. Imiryāngo ukó arí myĭnshi ni kó umwûmwé wöse ufisé iyó wazánanye.Imbere y'úkwĭkūkira kw'Úburŭndi, Abarŭndi böse băba hamwé aríko Abatwá băba mu tugwītugwi cânké ku dusózi twâbo.Aríko uwashâka kwĭmuka yarîmuka akajá ahăndi ashīmyé kubêra amatōngo yarí akíri mĕnshi.

Abo Băzāge, ugutûra kwâbo i Mahōnda, băvūye ku wŭndi musózibahāná urubíbe wītwá Gatāgura. Aho nahó bakaba bâri bâhashitse bávūye mu Kayānza murí komĭne Matōngo mumwâka w'1903.Uwĭtwa NDERAGAKURA [14] niwé yatúmenyēsheje nêzá ahó băvūye: «T*wăje túva ku Nabimēnge, iyo hăkurya, agacīmbiri ní Sorero Segíteri ní Gatāgura*.»

D.Ingéne băshitse i Mahōnda

Ku vyĕrekeye ingéne Abăzāge băshitse aho hāntu, NDERAGAKURA yatúbwīye ati: «*Erega kĕra abāntu bărĭmuka ahāntu bakaja ahó bashāká… ahāntu hamerá nihó twăkurikirana. Aríko amatwí ansúmira, hari umutāma yambwîye kódāwé yōbá yĭmutse kubêra abuzésé, aríko ntá vyo nzí kukó twĭmutse nkíri mutó aríko kăndi narábibônye*. »

Twîhwēje nêzá, ukwĭmuka kw'ăba bāntu kwări gúfise imvo zibiri: Iyā mbere kwări ukurōndera itōngo rimerá, iya kábiri ni umugēnzo w'ûkó ahó Abatwábaburíye umūntu băca báhīmuka.Iyi mvo ya kábiri irînyegeje kukó uwo mutângankurú, túmubajije kó arí umugēnzo, yatwîshuye ati:«*Sivyó! Kukó jēwé najé ngăha kuva bîshe RWAGASORE aríko n'ŭbu nihó nkibá kăndi maze kuháburira abatári baké aríko síndāhava*. »

[14]NDERAGAKURA, Mahonda, 14/05/2015

E.Igihe băshikiye i Mahōnda

Twîsūnze amakurú twăhāwe na NDERAGAKURA,Umutwá w'Úmŭzāge yītwá kó akuzé murí böse akaba arí nawéarí mu băhashitse ubwā mbere azánanye na sé tubona kó yōbá yáhashitse mu mwâka w'1961kukó avuga ati: «*Twăjengăha igihe bĭca RWAGASORE.»*

F.Ahó bătānguye kugerēra

Mū nyuma y'âho bavīríye mu Kayānza, Sĕkuru wa NDERAGAKURA yabânje kugerēra kw'ī Sorero murí Segíteri ya Gatāgura, arahávyārira abâna böse arí bo HAZIZA, SAGIGI, MAYOMBE, KAJEKURYA. Mu nyuma yó kuvyâra abo bâna böse, GAHOYI yacîye yîmuka, abo bâna böse bámaze gukúra aja i Mahōnda.Mū nyuma ní ho n'âbâna bîwe băgīye barîmuka bámusāngayó. Ivyo tubikēsha NDERAGAKURA [15] ati: «*Kĕra ntâ vyó gusaba amatōngo vyărihó, Sogókuru GAHOYI yajé kwĭyubakira atâ bāntu bahabá. Hări amashāmba, ibikôkó, inkŏto, ibikí? Mūnyuma hāza umuhŭngu wîwé MAYOMBE arí we dāwé. »*

G. Imicó n'ímigēnzo yâbo

*«Umucó»*ni inyîfato y'úmuntu kānāká cânké abāntu barí mu mugwi kānāká. *«Imigēnzo»*ni umugwi w'îvyó bēméra bakagerageza nó kubítāngira insígūro bíhagaze ku migirwá yagîye irahêrerekanwa. Imigēnzo rēró, ukó harí abāntu batāndúkānye ní ko nayó igēndá iratândukāna, hakaba n'íyĭndi bahūrírakó.

Mu micó n'ímigēnzo y'ábāntu harimwó inyîfato, imigirwá, imiziro, n'íbĭndi. Ivyo bīntu vyöse ni vyó bifashá kumenya nêzá umūntu uwó arí we, ivyó akūndá n'îvyó yānká ndetsé n'iyó aturúka.

Imicó n'ímigēnzo y'Ábăzāge-Batwá ihagaze cānecâne ku kuvúgana nêza n'ábāntu, ukwĭtōnda n'úkwĭrīnda amatăti.

BIHANIZE Juma [16] yavúze ati: «*Mu migēnzo y'íwăcu, turakûnda abāntu kăndi ntá we dushwāná.»*

BATENEYA[17] nawéati : «*Twēbwé imicó n'ímigēnzo y'Ábăzāge ni ukuvúgana nêzá n'ábāntu bâba Abatwá cânké abăndi, böse atâ wudúsōmboroje, ntawe dutuká.»*

[15]NDERAGAKURA, Mahonda, 14/05/2015
[16]BIHANIZE Juma, Mahonda, 14/05/2015
[17]BATENEYA, Mahonda, 14/05/2015

BERANWA[18]ati: «*Twēbwé imigēnzo n'ímicó yâcu böse barayîzi kăndi baratwîzêra, amaká y'Ábahutú n'Ábatūtsi ní twe tuyaragíra tukōngera tukayákama; urûmva ntâwŏtwīzēra túdafisé imigēnzo myīzá*. »

Ivyo vyērekana kó abo Batwá bó mu muryāngo w'Ábăzāge babá kurí uwo mutŭmba wa Mahōnda babānyé nêzá n'ábăndi bāntu bataríAbatwá kăndi babĭzēra mu bīntu bitarí biké.

H. Imigĕnderanire yâbo n'íyĭndi miryāngo

Kĕra Uburŭndi bútarĭkūkira, Abatwá băramara imănza z'ábăndi Barŭndi-babânyi (Abahutú,Abatūtsi).Yamará ntâ Muhutú cânké Umutūtsi yasângira n'Úmutwá, cărazíra; bĭcara ukwăbo, bakîsangiza indyá n'íbinyŏbwa.Eka kăndi ntâ Muhutú cânké Umutūtsi yōtumíwe mu rubănza rw'Úmutwá ngo agēndé, n'îyó yagĭyeyó ntibōmuzimānye ngo aryé cânkéngo anywé ivy'Ábatwá; bămuha amaherá akaja kwĭgurira mu kirábo kimwĕgereye. Ivyo bivugwa n'úmwānditsi Emile MWOROHA[19]

Ku vyĕrekeye igitúma atā Muhutú cânké Umutūtsi yasângira n'Úmutwá vyăva ku kubánēna gufatíye ku kwābīrana hagatí y'ábasângiye amaráso hamwé nó kuryá ivyĭtwa kó bizirá ku Barŭndi bĕnshi nk'íntāma, ibikôkó vyó mw'īshāmba bitarībwá na böse,… Ivyo turabisoma kăndi mu gitabu cā NENGO nk'ûkó twākivuzé haruguru ku mpapuro za 13 na 14.[20]

Hari iyĭndi miryāngo y'Ábahutún'Ábatūtsi bahāná urubíbe n'ŭwo muryāngo w'Ábăzāge-Batwá.Na yó ni:Abazige, Abavumú, Ababíbe, Abashĭha n'Ábahânza.

Kuvyĕrekeye imigĕnderanire bafitániye, böse barêmeza kó arí myīza. Akayogá iyó kabonétse baragasāngira, imănza barazítumiraniramwó, ibikórēsho nk'îsúka n'ímipănga barabitīzanya.

Kăndi ikirênze kurí ivyo Abatwánibó baragírakăndi bakamá inkáz'ăbo Bahutú n'Ábatūtsi b'ábabânyi ndetsé bakabákorera nó mu mirimá. Ivyo vyērekana kó ubu imigĕnderanire yâbo n'ábăndi babânyi yīfáshe nêzá.

I.Abo basabána n'âbó badasabána abageni n'ûkó vyīfáshe ubu

Kĕra, nk'ûkó twābibŏnyekwā Emile MWOROHA, Abatwá bărabĭnūba kăndi băbafata nk'âhó atarí abāntu. NtāBatwá băhāna abageni n'ábăndi Barŭndi.Yănditse ati: *"Ukwābīrana hagatí mu*

[18]BERANWA, Mahonda, 14/0/2015
[19] MWOROHA, E., op cite, 1977 p190-191
[20] NENGO, E. Op.cit.2007, pp 13-14: « la pratique de l'endogamie et la consommation des nourritures interdites telles que la viande de mouton, considéré comme sacré dans le Burundi traditionnel étaient l'origine d'une pratique discriminatoire dite 'kunena' de la part des Bahutu et Batutsi; d'où il était interdit de partager à manger ou à boire avec le Mutwa, d'entrer dans sa hutte ou de contracter un mariage avec un garçon ou une fille Mutwa. »

miryāngo yâbo hamwé nó kuryá ibizíra (intāma) ni vyó mizi y'ŭkwo kubînûba ngo bōba bârahúmānye. Cărazíra kwŭgama imvúra mu kazu k'Ábatwá, gusāngira n'Úmutwá, kwābīra cânké kwābīrwa n'Úmutwá.Uwukóze ivyo yacá acîbwa n'âbó yavūkamwó agahéza agacīka Umutwá."[21]

Hari n'úwŭndi yītwá ZUURE yănditse ku vy'âmôko y'Ábarŭndi aríko tubona nêzá kó Abatwánawé nyéne atăbashizemwó kubêra uko kūntu bafatwá nk'ábatárihó. Yănditse kó mu Burŭndi harí amôko abiri, ubwôko bwā gátatu arí bwo bw'Ábatwá atā mwănya yōkwīrírwa arabútakó.[22]

Ivyo vyöse tubōnyé vyărăndukiye Abarŭndi batarí baké. Nâhó twābōnyé kó imigĕnderanire y'ăbo Băzāge n'ábăndi Barŭndi arí myīzá, icó guhâna nó gusabana abageni ntikirâbahó. Kugeza ubu abo Batwá batubwīra kó atā Mutwá yābîra Umuhutú cânké Umutūtsi. Ngo hōpfuma hába Umuhutú atwārá umukŏbwa w'úmutwâkazi, ivyo ngo bărabibônye. Túbabajije igitúma bătwīshuye uku gukuríkira:

BAREKENSABE[23] ati: "*Imiryāngo yöse y'Ábahutú n'îy'Ábatūtsi ntâbageni tuyisábamwó, impămvu síndayĭzi twăkuze túbibona uko*."

NDERAGAKURA[24] ati: "*Imiryāngo y'Ábahutú yöse ní yo tudahāná abageni, iyĭndi yöse turabáhāna. Impămvu ni ukó bavugá ngo igití utūríra nturāngámiza*"

PFANUGUHORA[25] ati: "*Ntā muhutúkazi cânké umutūtsikazi atwārwá n'úmuhŭngu w'úmutwá. Ivyó nabônye, yōba umuhutú atwārá umukŏbwa w'úmutwâkazi.Ntā mpămvu iharí kăndi ntíkizirá, ni ukutwînûba gusa*."

Izo nyishú zöse băzitānze báherereza ku Batwá böse, bibonéka rēró kó kuvyó guhâna abageni n'íyĭndi miryāngo ntaco Abăzāge bīsângije, babihūrirakón'ábăndi Batwá.

J. Imiryāngo băgerēreye

Twîsūnze insígūro duhābwánaSADIKI, "*kugerēra ni ukujá kubá ahāntu kānāká cânké kwā kânāká; aha uba ugérēreye"*[26]

[21] MWOROHA, E., op.cit., 1977, p19
[22] ZUURE, B., L'âme du Murundi, Paris,Beauchesne& Fils, 1932, 3e édition, p13-14 :
« Trois races différentes habitent le Burundi, les Bahutu, les Batutsi et les Twa. Ces derniers appartiennent à la famille des pygmées (…), nous ne nous en occupons pas d'ailleurs et, pour nous, les Barundi seront seulement les Bahutu et les Batutsi.»
[23]BAREKENSABE, Mahonda, 14/08/2017
[24] NDERAGAKURA, Mahonda, 14/08/2017
[25]PFANUGUHORA, Mahonda, 14/08/2017

Ubushūmbana bwó n'úbugerêrwa ni imwé mu migirwá ya kêra yabá hagatí y'ábatûnzi n'ábakené. Umushūmba n'úmugerêrwa böse bägira ba shêbuja kändi bări báfise ihāngiro ryó kubûbaha, ukubákorera nó kubagemurira (ibikorwá vyómū ndimo, kwŭbaka inzu n'ízĭndi nyubákwa, urugó, gutânga utugánūké tw'íbijîshano, ibibûmbano, n'íbĭndi. Uwo mugirwá waráhavûye ku gihe c'úmukurú w'ígihúgu BAGAZA.

Abo Bäzāge-Batwá, nk'ûkó twābōnyé kó atā bäbagerēreye, bôbó bäragérēreye abändi. Aha twōvuga nka NYABENDA, Umuhutú yahâwe na sêkuru wa NDERAGAKURA, ngo yabônye atáho afisé abá aca amúha gatôyí yūbákamwó nk'úmugēnzi. Uwo ngo kĕra yabá ku Muyebé barahéza bamenyanira mu Rugéra ku musózi wa Kănēnga mu kirábo baba abagēnzi gútyo.

Uwŭndi twōvugá kó bägerēreye ni NTAMAKURIRO, umutwá w'úmuhânza; uwo nawé ni umukwé wó kū ndâro wa BATENEYA, nawé yatwâye umukŏbwa wâbo barahéza bamuha ahóyūbáka.

Abo böse ntitwōbīta abagerêrwa kukó ntâ mashikánwa, ntā bikorwá bäbakoreye aríko bwări ubugēnzi busānzwé.

K. Ivyo bäzira n'îngéne vyīfáshe ubu

a) Imiziro ní iki?

Ni ibizíra, ibibújijwe kuryá, kunywá, gukóra; máze uwubírēnzekóibihano giturūmbuka bikamushikīra. Abänditsi batändúkānye bäragérageje gusígūra icó ari có imiziro, icó uwuyírēnzekó aboná n'úbushóbozi bwâyo. Uwurênze ku miziro yaráshobora gupfá, kumúgara, guhuma, kubá ingūmba, kuvyâra amahása, kurima ntiyîmbure,…Abo bänditsi ní nka Denis NOTHOMB [27] avuga kóimiziro arí ibizíra bifisé ingáruká zībónekeza kändi zishikíra uwubírēnzekó, yába abíshāka cânké atábishăka, mu buryó bwīhûta; BOURGEOIS[28]na wé ati: *"imiziro irihó kugíra ikīngíre abāntu impanuka nk'úbugūmba nó kurima ntibîmbure mu gihe bōyirĕngakó"*; NTAHOMVUKIYE [29] wêwé ati: *"imiziro ifise ubushóbozi bw'ímivumo bwībónekeza vubá na vúba cânké bútevye ku wuyírēnzekó"*

[26]SADIKI, E., op. cit., 2008, p.I
[27] NOTHOMB, D., Un humanisme africain, Lumer, Vitae, 3ème Edition, Bruxelles, 1962, p159 :
« Les miziro sont des interdictions comportant d'une façon immanente, des sanctions automatiquement infligeables à quiconque les transgresse volontairement ou à son insu… »
[28] BOURGEOIS, L., Banyarwanda et Barundi, tome III, ethnographie, Bruxelles, 1956, p222 :
« Une interdiction est observée en vue d'éviter magiquement des accidents, la stérilité ou la diminution des récoltes. »
[29] NTAHOMVUKIYE, H., Les miziro, éléments d'éducation morale et religieuse, Louvain La Neuve, 1981, p15, 19 :

b) Ibizíra vy'úmuryāngo w'Ábăzāge-Batwá

1º) Ivyĕrekeye abāntu

Murí rusăngi, ntābāntu bazirá mu Băzāge-Batwáurétse gusa kó bavugá ngo ntibūbákana n'ímiryāngo yó mu Bahutú n'Ábatūtsi; nahó nyéne ngo ntā bizíra birímwo, ní ukwĭnūbana bisānzwé. Ntā burorero bafisébw'úwõba yárabirênzekó akagira ingŏrane twābōnyé, nicó gitúma tuvugá kó atā muziro ku vyĕrekeye abāntu uharí.

Mū mvúgo imenyêrewe ndetsé nó mu migēnzo yâbo;Abarŭndi ntíbābîrana básāngiye ubucutí bw'ámaráso;aríko bakavuga ngo Abatwá barabíkora.Aríko rēró twōmenya kó bamwé mu batângankurú babiběshuza abăndi ntiházire icó babivúgakó.

2º) Ivyĕrekeye ibitŭngwa cânké inyamâswa

Ku vyĕrekeye ibitŭngwa cânké inyamâswa nahó nyéne abatângankurú böse bătubwīye kó atā gitŭngwa kizirá gutûngwa ahŭbwo ngobabura uburyó bwó kubirōnka.NDERAGAKURA[30] ati: "*ntā kīntu na kímwe badatūngá, babura uburyó gusa, ivyó abăndi böse batūngá natwe turabítūnga iyó tubirŏnse*."

Ku vy'ínyamâswa, ngo kĕra bákihashika, hákiri amashāmba, bărahîga ivyó babōnyé vyöse, máze bábōnye háfashwe icó batāzí ntibăkirya, eka n'ákayăbu ngo ntibăkarya.

3º) Ivyĕrekeye ivyó kuryá

Ivyĕrekeye ibirĭbwa, nahó nyéne nka vyöse Abăzāge barabírya, ntā kizíra kirímwo urétse kimwé gusa băhūrijekó böse: *inyama y'íntāma*.

BAREKENSABE[31] ati: "*Inyama y'íntāma ní yo tuziríriza, ntā n'ŭmwe ayiryá mu muryāngo w'Ábăzāge*."

NDERAGAKURA [32] ati: "*tuziririzaintāma. Ĕmwe n'ûmwâna w'úmwăzāge böse barâzi kó kizirá kuryá intāma*."

Ku gitúma intāma arí igitŭngwa kizirá kurîbwa kurí bo ngo ni ukó kĕra kurí bāsêkúru hákiri ivyó kubāndwa nó gutérekēra, intāma ní yo bājāna mu kazu k'ákanyábugoró n'ínkōfēro

« Tout objet, tout acte ou toute personne qui comporte un danger pour l'individu ou la communauté et qui doit éviter par conséquent, cet acte, objet ou personne étant frappe d'une sorte d'interdits.»
« Le tabou semble effectivement posséder une puissance maléfique qui frappe tôt ou tard celui qui, par mégarde ou consciemment s'est constitué, fauteur en tentant une mainmise sur le sacré véhiculé par ce muziro.»
[30] NDERAGAKURA, Mahonda, 14/05/2015
[31] BAREKENSABE, Mahonda, 14/05/2015
[32] NDERAGAKURA, Mahonda, 14/05/2015

y'íngeyo gukórēsha murí iyo migirwá. Ivyo bīntu ngo inákuruwa NDERAGAKURA yabíbīka kure, ngo ntā mūntu yōbikózekó, yacá arwâra bakōngera kumubāndīsha.

Unó mŭnsi, ivyo vyöse vyó gutérekēra nó kubāndwa nâhó vyăvūyehó, intāma yagúmye arí ikizíra kurí uwo muryāngo nk'ûkó bivugwá na BAREKENSABE "*Băcīye bákurikirana amadiní, böse baja murí gatorika barahéba ivyo bĭntāzí."*

4º) Ivyĕrekeye ibití

Ku vyĕrekeye ibití icó băvuze kó cōba kízira, nâhó batătubwīye igitúma, ni igití c'úmurīnzi: ngo kirazira kuwúcāna; barawútēra ukīgumira ngăho, ngo iyó bawucĭye nahó bawukorēsha mu kurômbera cânké mu kwŭbaka. Uwo muziro ntibătubwīye iyó wavûye, ngo böse băkuze bávyūmva uko.

5º) Ivyĕrekeye ahāntu

Imiziro ijānyé n'ívyĕrekeye ahāntu ntayo bafisé. Ahaníni umuziro wabónetse ni uwó ku babûmvyi, umwé gusa: "*Kirazira kurāba ahó baturírira inkóno wâcîye mumayirábiri*."Murí uwo muziro rēró turabónamwó ahāntu hazirá arí ho *mu mayirábiri*, ngo wâhacîye ugaca uzírāba, zöse zica zíhōmba.

2.2.2. Umuryāngo w'Ábahânza

Kurí uyu mutŭmba w'í Mahōnda twărahasânze kăndi n'úmuryāngo w'Ábahânza, nk'ûkó twāri twâbivúze haruguru. Yamara twōmenya kó abó murí uwo muryāngo atā nkurú zâbo twămenye bívānye n'ûkó umugabo aserúkira uwo muryāngo yītwá NTAMAKURIRO Yotamu, asānzwé arí umukwé wó ku ndâro wa BATENEYA, umŭzāge, akaba ahámaze imyâka míke (yahâje mu mwâka w'2010), yatúbwīye kó atā vyĭnshi azí ku vy'úmuryāngo wâbo kíretse kumenya gusa kó arí umuhânza. Aha yarîgumije murí vyĭnshi kíretse kó yatúbwīye kónabó bavá mu Kayānza.

Nʾăbo babânyi bîwé, bakaba na bāsêbukwé,ngo ntā vyĭnshi vyîwé bāzí, usîvye kó bāzí kó arí umunyakayānza ngoyarí yáje kwĭsumamwó ku Musĕnyi agahéza akūnga ubucutí n'úmukŏbwa wâbo NIZIGIYIMANA Everine.

2.3. Imiryāngo y'Ábatwá bó mu Bihînda, amâmūko yâbo, imicó n'ímigēnzo yâbo

Imiryāngo twăsānze mu Bihînda, nayó nyéne si myĭnshi cāne kukó abó twătōhojekó bĕnshi twăsānze bátāzí imiryāngo yâbo. Twăronse imiryāngo itatu nayó ni: *Abakwāfu*, *Abĭzihiza* n'*Ábatāri*.

Ku bijânye n'îvyîvugo vy'ĭyo miryāngo, ibisáta, imiryāngo băgererēye, hamwé n'íbizíra vy'ímiryāngo yâbo twăsānze aboBatwá bó mu Bihînda atávyo bāzí.

a) Amâmūko y'Ábatwá bó mu Bihînda

Abatwábó mu Bihînda ngo băje báturuka mu mihîngo n'întâra bitāndúkānye. **Abakwāfu** bavuga kó băzananye i Buvyûko murí komĭne Bubānza bashikira mu gacīmbiri kāKíbāmbweku mutŭmba waGífurwe, aho ngo hări mu myâka ya 1965 kukó BIGIRWANIMANA avuga kó sé yamúbwĭye kó băhāje urwîmo rwókurí MICOMBERO rúheze. Băvūye i Buvyûko báhūnga bĕnewâbo bápfa ivy'ámatōngo; séahūngira ukwîwé, umwâna nawé ahūngira ukwîwé kukó ngo ntā nyina bări bágifise.

Uwo muhŭngu BIGIRWANIMANA[33] avuga kó yashíkiye mu Bahutú, ashikira gushūmbira Umuhutú yītwá NTAMIJE yabá mu gacīmbiri kā Kíbāmbwe. Amáze gukúra yĭmukiye aho mu Bihînda yīnjirira umupfâkazi w'âbâna babiri, bavyārana abâna batāndátu. Ngo uwo mupfâkazi, umugabo wîwé akírihóbări bâmusigaranye itōngo ry'Úmuzayirwa (umukōngomăni). Amáze gucûrwa n'ŭwo mugabonihó yacîye aríbūngabūnga, mū nyuma uwo mukōngomăni arígurīshije amusigira umuzibukīro wó kumushīmira kó yamúrābiye nêza, amusigirakó itōngo. Mū nyuma iryo tōngo yarárigúrīshije yīmukira mu rĭndi tōngo Rēta yarí yáhāye Abatwá bĕnshi rirí aho mu Bihînda babá uyu mŭnsi. Yámará rēróAbakwāfu babá kurí uyo musózi ni abo nyéne gusa bāmûka kurí BIGIRWANIMANA.

Uwŭndi muryāngo twăbōnye mu Bihînda ni uw'***Ábĭzihiza***.Uwadúhăye inkurú wó murí uwo muryāngo w'Ábĭzihiza yītwá IRANKUNDA[34] Kâna avuga kó wêwé yavûkiye ku Gako, aho ní ku mutŭmba wa Músĕnyi, sé wîwé nawé akaba yávūkiye i Bubēnga, zŏne Muyebé murí komĭne Musigâti. Avuga kó abavyêyi bîwé băshitse ku Gako ku Badăgi, Rushānyika, inárume wîwé, ngo niwé yatânguye kuhashika mū nyuma atumakó barámuwé nabó uwuhăburiye uwîwé wëse agaca aháva hasigara sé wîwé, nawé nyéne arateba arîmukira mu Bihînda.

Hari kăndi n'úmuryāngo w'***Ábatāri***, CEWUSI Mubĕmbe awuvŭkamwó yatúbwīye kó wêwé yavûkiye ku Gako, sĕkuru wîwé RUBÂYI ngo yajé wênyené ahûnga ikimŏko c'íkŏri avá i Murāmvya baca bágerēra kwā BURYĒBÚRYE.

Hā mbavu y'ĭyo miryāngo itatu, umwé mu babá ngăho mu Bihînda, harihó n'úwŭndi muryāngo utagwīríye w'Abashŏnge-Batwá. Mwōmenya kó atā vyĭnshi batúbwīye ku vyĕrekeye uwo

[33] BIGIRWANIMANA, Bihinda, 05/08/2017
[34] IRANKUNDA, Bihinda, 05/08/2017

muryāngo urétse gusa kóCEWUSI [35] awuvŭkamwó yatúbwīye ku bizíra ati: "*ntāMushŏnge-Mutwá yābîrana n'úmwîshwa, ngo n'úgusara yōca asára*". Ico nacó ntāwŏcītīrira umuziro ku Bashŏnge gusa aríko ni umuziro uzwí ku Barŭndi böse. Ku bijânye n'ímiziro ku vyó kuryá nahó, yatúbwīye kóbaryá vyöse, ngo n'înzóka bărayirîye; yámará ngo icó yakúze yûmva mu muryāngo iwăbo ni ukó bataryá igitōke c'ígisúkări.

b) Imiryāngo y'Ábahutú ihāná imbíbe n'Ábatwá bó mu Bihînda

Imiryāngo y'Ábahutú ihāná imbíbe n'Ábatwá bó mu Bihînda ni iyi ikuríkira:

- *Abajîji, Abaremēra, Abashûbi, Ababānga, Abanyágisaká-bahīza, Abanyágisaká.*

2.4. Abatwá b'í Mahōnda nó mu Bihînda bătēye imbere

Abatwá b'í Mahōnda nó mu Bihînda kĕra, mu vyó kwŭbaka igihúgu, ngo bări báfise ivyo bajējwé nabó nyéne kū ntwâro ya MWAMBUTSA:

- GAHŌYI yarí umukurú w'âbîyeretsi kū ntwâro ya MWAMBUTSA;
- MAHUBA, nawé nyéne yarí umutwá, akaba n'ícēgēra cā GAHŌYI;
- MAYŌMBE yarí umupôrisí kurí MWAMBUTSA, ngo nibó băfata abāntu ku makŏri;
- BINYOROGWA, sĕkuru wa BIGIRWANIMANA nawé nyéne ngo yarí rurāngíranwa mū ntârá zā Bubānza na Cibitoke kukó ngo niwé yarí arôngōye **Abasokoza** (*umurwi w'ábavyínyi n'ábatâmvyi b'Ábatwá*), nabó ngo bătāmba bîyerekera abakurú nk'Úmukurú w'ígihugú, Buramatări n'ábăndi bakurú;
- BINÍNI, musâza waNYAMIBARA umugoré wa CEWUSI wêwé aracârihó, nawe nyéne ni rurāngíranwa kukó arí mu barôngōye Abatwá bó mw'īkómĭne yöse ya Mpānda.

IKIGABÁNE CĀGÁTATU:

UMWŪGA WÓ KUBÛMBA KW'ÁBATWÁB'Í MAHŌNDA NÓ MU BIHÎNDAN'ÂMÔKO Y'ÎNKÓNO

3.1. Umwūga wó kubûmba inkóno

Ukubûmba inkóno kuva na kêra na rīndi ni igikorwá căgīye kíbēshahó Umutwá gushika n'âhó bó babihĕrerekana nk'íragí.

[35] CEWUSI, Bihinda, 06/08/2017

3.1.1. Inkóno n'ákamaro kâyo mu Burŭndi

Mu vy'úkurí tútavyĭyobagije, ntā Murŭndi n'ŭmweatāzí inkóno n'ákamaro kâyo."**Inkóno**" ifitiye akamaro Umurŭndi wëse.

Hari imvúgo zitāndúkānye twāmá dúkorēsha kĕnshi dusāngámwó ijāmbo ***in*kóno:**

- *"Icó mū nda gishāka icó mū nkóno" bisigūra kó umūntu abá ashônje;*
- *Inkóno y'úmurāngo ntīryá umwé. (Umwĭbutsa wīgîsha ugusâbīkanya);*
- *"Gushíra inkóno ku zîko" = gutêka;*
- *"Kurârīra inkóno" bisigūra kurīndira kó ivyó batētsé bishá;*

Utwo turorero twöse turêrekana nêza kó umurŭndi wëse yūmvîse bávuze *inkóno* atōyoberwa icó bashātsé kuvúga. Uturorero twā mbere twērekana kó akamaro kā mbere k'înkóno aríugutêka imfŭngurwa.[36]

Iruhănde y'ăko kamaro, harihó n'útŭndi turorero tutarí duké twērékana akamaro kˈînkóno ku Murŭndi wˈăho hāmbere:

- Gutara inzogá, kuvōma, kubîka amâzi, kubîka ivyĭmburwa (ibiharage, ibigôri, uburó, amasaká, ubwīshaza …), kugemura.[37]

3.1.2.Kubûmba inkóno: umwūga kāmá

3.1.2.1.Umwūga icó arí co

Mu Burŭndi hari imyūga myĭnshi, imwé turayîzi, turabóna ahó ikorérwa, iyĭndi turûmva báyivuga ndetsé iyĭndi turayisoma mu bitabu: ukubûmba, ukujîsha, gushóna, gusúdīra, kwŭbaka amazu, kubāza,…

Murí iyo myūga yöse harimwóimyūga kāmá n'íyĭndi twōkwītá iya kijāmbere. Murí iki gikórwa, iyo twĭsunze ni kāmá kukó turí mugisáta cīgá amayăgwa, imicó n'ímigēnzo vya Afirika. Twăshātse nătwe kugira icó twērékana kuvyĕrekeye akarānga k'Abarŭndi, imicó

[36] NENGO Emmanuel, Etude lexico sémantique du vocabulaire kirundi lié à la poterie : enquête menéeen communes Kirundo, Gitobe, Muyinga, Makamba, Bururi, Kiganda, Kabezi, Mpanda et Mutambu, Bujumbura 2007, p8.
"Son rôle premier est de cuire les aliments, puiser de l'eau, fermenter les boissons locales et conserver les denrées alimentaires récoltées (haricot, sorgho, éleusine, petit pois)."

[37]Emile MWOROHA, Peuples et Rois de l'Afrique des Grands Lacs, le Burundi et Royaumes voisins, Dakar, 1977, p.190.
« Les familles se rendaient des visites en apportant la bière dans des cruches (imibindi)… on pouvait estime le rang de la famille qui rendait visite (riche, moyen ou pauvre) par le décompte des cruches apportées ».

n'ímigēnzo yâbo, na cānecâne mu vy'ímyūga; nahó nyéne kubêra uburyó, umwănya n'úbushóbozi buké ntitwăshoboye gukórera ku myūga yöse, twăkoreye kurí umwé**:*Ukubûmba***.

Imbere yó kumenya ivyĕrekeye uwo mwūga wó kubûmba, vyătubēreye vyīzá kubânza kumenya icó arí co *umwūga*.Ijāmbo *umwūga* twōshobora kuvúga murí rusăngi kó risigûra icó umūntu akóra kimutŭnze; rishobora kăndi gusígura igikórwa có guhîngura ibīntu mu bĭndi (akarorero: igitíkikavamwó intébe, ibŭmba rikavamwó inkóno, ivu rikavamwó inzu,…).

Hari abānditsi batāndúkānye hamwéna za kazīndūzi băsigūye icó arí co **umwūga**:

- LAROUSSE, Dictionnaire Français[38]

Hari imvúgo n'ímyĭbutsa vyērekana nêza akamaro k'úmwūga :

- *Ntā mwūga udakizá ;*
- *Icó umūntu akorá ni wó mwūga wîwé ;*
- *Il n'est point de sot métier, il n'y a que de sottes gens*.[39]

3.1.2.2. Umwūga wó kubûmba inkóno n'ábawîtīrirwa

Ukubûmba nk'ûkó twabivuzé ni uguhîngūra ibŭmba ukarikūramwó igikórēsho (inkóno, ibisharizo, inkóno y'ámashûrwe n'útŭndi tugénegéne).Dictionnaire des civilisations africaines, na yó nyéne ni kazīndūzi yasígūye kó ukubûmba arí ibikorwá vyöse bívūye mw'īvú rihīyé.[40]

Mu gikorwá câcu twăkoreye ahaníni ku kubûmba inkóno zônyéne nâhó na zó nyéne ziri ubwôko bwĭnshi bívānye n'îvyó zikorá nó ku buryó zibūmvyémwó. Hā mbavu y'înkóno zisānzwé zíkora ivyó mū nzu nk'ûkó twābibŏnye, hari n'ízĭndi nkóno zidasānzwé bakorêsha mu migēnzo n'ímigirwábijānye nó kuraguza nó gutérekēra.

3.1.2.3. Umwūga wó kubûmba wămyehó kuva kĕra

Mu Burŭndi umwūga wó kubûmba wămyehó, arí na có gitúma bawĭta umwūga kāmá. Ivyo biranábonekera mū nyandiko zā bámwēbamwé bănditse ku vy'ákarānga na kâhise vy'Úburŭndi, nka Emile MWOROHA, umutwé w'ígitabu cîwé cērekana kó yănditse kurí

[38]GUILBERT L., Grand Larousse de la langue française, Librairie Larousse, Paris, 1972, p. 1637
« enquête :
- procedure de collecte de faits par le moyen de questionnaire en vue de conclusions scientifiques.
- investigation au moyen de sondages par questionnaires au près d'un echantillon de population representantif, pour connaître l'état de l'opinion sur le problème particulier »

[39]GUILBERT L., Grand Larousse de la langue française, Librairie Larousse, Paris, 1972. p764.

[40]LAROUSSE, Dictionnaire des civilisations africaines, Paris, Hazane 1968, p341.
"La poterie est parmi les vieux arts africains : les moyens modernes de datation situent plusieurs millénaires avant notre ère les terres cuites de culture de Nok."

kăhise k'Úburŭndi kuva búbahó gushika mu kīnjana cā 19. Aravúgamwó ivy'Ábatwá n'úmwuga wó kubûmba.[41]

CARDEW Michael avuga yûkó umwūga wó kubûmba watânguriye mu gihúgu cā Misiri mu kīmpūmbi cā kábiri imbere y'îvûka ryā Yesu Kristu[42]

NENGO Emmanuel na wé nyéne arêmeza kó umwūga wó kubûmba inkóno arí umwūga wa kêra cāne mu Burŭndi, wakórwa n'Ábatwá ahaníni.[43]

Tatien NDAJUJUTA[44] avuga kó uwo mwūga wó kubûmba wōbá wátāngujwé n'ábarimyi kugíra bōróherwe mu kubîka umwĭmbu wâbo no mu gutêka.

Yámará rēró i ruhănde y'Ábatwá hari n'íyindi miryāngo itarí iy'Ábatwá yakóra uwo mwūga. Ivyo bivugwa na NTAHOKAJA, ati:"*ubuhĭnga bw'úkubûmba bwări ubw'Ábatwâkazi. Umutwá yarája gukûra ibŭmba, umutwâkazi nawé akabûmba… yámará hari abăndi batarí abayănda bări bátūnzwe n'ŭyo mwūga nk'ábamosó.*"[45]

Abo babūmbá ataríAbatwá hari uturêré babĭta **abakōzano** cânké **abayēyi** (Karusi, Gitega) hakaba n'áhăndi babĭta abakōzano gusa (Makamba), hakaba n'áhăndi kăndi batagirá izína nk'íMuyinga. Ivyo tubikēsha icēgeranyo c'ívyătōhōjwe na UNESCO mumwâka w'2009 kumicó n'ímigēnzo ndângabúrŭndi n'ábayîtīrirwa, urupapuro rw'174.

Nk'ûkó dusānzwé túbīzi mu Burŭndi hari ibikorwá vy'ábagoré n'ábĭgeme hakaba n'íbikorwá vy'ábagabo. Nó mu vy'ímyūga, umwâna w'úmwĭgeme yămye akúrikirana umwūga wa nyina, umuhŭngu nawé agakurikirana umwūga wa sé.

Muri uyu mwūga wó kubûmba, nk'ûkó twābivuzé kó ukorwá ahaníni n'Ábatwá, mu ruhănde rutôyí ugakorwa n'Ábahutú, igitabu c'ícēgeranyo c'ívyătōhōjwe ku micó n'ímigēnzo ndângabúrŭndi n'ábayîtīrirwa kiradútāndukāniriza nêzá ukubûmba kwēgáAbatwá n'ukw'ábatári Abatwá.

---

[41] Emile MWOROHA, op. cit. (Umutw*é* w'*í*gitabu.)
[42] CARDEW Michael,Potttery in Nigeria, incorporation : A preliminary survey of pottery in West Africa, Lagos, Department of commerce and industries, 1950, p12
[43] NENGO E, op. cit. p13
[44] NDAJUJUTA Tatien, La forge et la poterie en milieu rural :Cas de la commune KAYOKWE, Bujumbura, 1984, p31
« la poterie fut inventée par les agriculteurs sédentaires, elle facilite la cuisson des aliments, le transport de l'eau et la conservation des grains.»
[45] NTAHOKAJA J. B, Imigenzo y'ikirundi, p90.

a) Ukubûmba inkóno kwēgáAbatwá

Ababûmvyi bavyūka mu gitôndo gukûra ibŭmba mu kinogó ari có bītá**ingānzo.** Abagabo ni bó bakūrá ibŭmba, abagoré na bó bakaríbūmba. Babānza kurítōramwó utubuye ntihágire udusígaramwó, bagaca bájamwó**bakarikāta**n'íbirēnge, báhīndura báhīndukiza. Baca bárivānga n'**întsíbo** n'**úmusĕnyi** kugíra inkóno zikomére kăndi ziramé. Intsíbo mu kuzirōnka basyōkora ibuye ry'ímonyi.

Babūmbira ku rugeté, urwo na rwó rukaba arí urujo bakūrá kū nkóno ishājé, ni rwó batāngúrirakó intângo (cânké urutângo), bagafata **inkógoto** bakaja barasēna, bakanînga (bakayifōra amabōndo). Báshitse ku gutêra imbigá bagahīnga bakabāndānya bádūza gushika inkóno ibâye **umutegé**(iyŭzuye itagirá imbigá).Mū nyuma bagahéza bakayítēra imbigá.

Báriko barabûmba bagēnda barashíra amâzi kw'ībŭmba kugíra ngo ryōróhe. Báhejeje barayûbika kugíra babūmbé nêzá mū ntébe, bakayisēna nêzá, bakayísarura. Mu kuyisēna hari abakórēsha igishămbara. Mu kuyishariza báyisarura nahóAbatwá bakorēsha **akagenyo** (urugenyo), kajīshé mu gifûnzo. Ivyo bíheze izăbūmbwe zica zânikirwa, zûmye bakazíturira. Mu gutúrira na hóAbatwá bakorēsha ivyătsi aríko n'înkwí barazíkorēsha. Baracâna umuriro mu **cōkezo** bagashiramwó nyâ nkóno bâzishashe kū nkwí bâzirēngejekó ivyătsi. Bázōkōye barazimījīra amâzi bītá **ikîzi**. Mū ntârá y'Imbo, kū mpângé n'ímibĭndi bakorēsha amâzi y'ímikêmbé cânké amaharageharage.

b) Ukubûmba kwēgá abatári Abatwá

Umubûmvyi aragēnda mū**ngānji** (mūngānzo, mukigānzo), agakûra ibŭmba akaritāhana. Ashítse i muhirá akarikāta avânganije n'**întsíbo**(amabuye bahōndá bagahéza bakayágosōra bagasigarana umusĕnyi wâyo).

Mu kubûmba rēró bafata ibŭmba bakarifyōndafyōndera mu minwe, bagahéza bakarishira mu ntângo y'úrujo, bakaja barasēna n'**ínkwābo**bárīnganiza mu kabaragata k'ígikūnga. Barahéza bakaja barōngerakó irĭndi bŭmba ngo ikuré. Itárŭzura bavuga kó arí**umushīnga**. Barabāndānya bôngerakó gushika ahó ibá**umutegé** (inkóno itagirá imbigá).

Mu kugíra ngo bayisharíze mw'īzosi bafata **urusáruro** bakayitēmbagazakó, urwo narwó ni akajîshano k'ísāntimētéro nka zítānu bajīshá mū nîmbo. Háheze imĭsi ibiri inkóno yâkámūtse barashírakó imbigá, ni vyó bītá**gucá inkóno.** Imáze kwŭma nihó bavugá kó arí**umuyōmbe.**

Háheze nk'ámayĭnga abiri yâ miyōmbe barayíshira mu **cōkezo** bakayíturira bákorēsheje ingiga z'íbití. Mu kuzōkora bakorēsha igití bītá**icōkōzo** bakazízimya bákorēsheje **ibikori**, ivyo ní ibishíshwa vy'íbití bazikănyirakó ndetsé zikabona kugira amabára.

Twăragérageje kuvyēgeraniriza murí iki kigára twîsūnze ibi bikuríkira :

- abĭtirirwaumwūga,

- ahó bakūra ibŭmba,

- ivyó bavāngá n'íbŭmba,

- icó babūmbírakó,

- Ibikórēsho,

- Intâmbwé zó kubûmba n'îngéne bazĭta,

- Ahó umwūga urāngwá,

- Imiziro n'ímigēnzo bijānyé n'ŭwo mwūga.

	ABATWÁ	ABATÁRI ABATWÁ
Abĭtīrirwa umwūga	Abagoré n'ábĭgeme	Abagabo
Ahó bakūrá ibŭmba	Mū ngānzo	Mū**ngānzo** (mū**ngānji**, mu **kigānzo**)
Ivyó bavāngá n'íbŭmba	Intsíbo n'úmusĕnyi	Intsíbo
Icó babūmbírakó	Urugeté	Intāngo y'úrujo
Ibikórēsho	Ibŭmba, urujo, intsíbo, urugenyo, igiháruzo, ikibûmbiro, ikibûmbūzo, udusáruzo, icāngiro, igikūvyo, inkógoto, imbúgitá, umukúrūngizo.	Ibŭmba, intsíbo, urujo, inkwābo, urusáruro, ingiga z'íbití, icōkōzo, ibikori.
Intâmbwe zó kubûmba n'îngéne bazĭta	Gukûra ibŭmba-kurikāta-kuvânga intsíbo-kubûmba-kunînga-gutêra imbigá-gusárura-kwânikira-gutúrira-kwōkōra-kumījīra.	Gukûra ibŭmba-kurikāta-kuvânga intsíbo-kubûmba-gusárura-gutêra imbigá-gutúrira-kwōkōra.

Ahó umwūga urāngwá	Ni mū ntârá zöse z'Úburŭndi atâ n'ĭmwe ivūyemwó.	Mū ntârá kāmá zā Bwêru, Kirimiro na Búragáne(Kărusi, Gitega, Makamba, Muyinga,)
Imiziroijānyé n'ŭwo mwūga.	Kirazira kó: umugoré afisé imbânyi ntó abūmbá, umūntu wó hānzé bamwĕreka inkóno zítarâtúrirwa, bēgéreza amasaká ahó ibŭmba rirí, bashingá ikimīto mw'ībŭmba, Umuhutú akorá ku muyōmbe, basohóra inkóno zítarûma.	Ntayo bafisé.
Imigēnzo	-amabûmbiro arí yo mâzi yó kurubûmbiro abâna barayánywa akabarīnda kurwâragurika. -iyo babōnyé inkóno z'ímiyōmbe zíhōmbeye mu cōkezo haba hári uwó mū ncutí zâbo yapfūyé.	Mu gihe umugoré arí mu kiriri, umugabo ubûmvye inkóno zica zíhōmba. Mu kuzikīngira, baca bázisīga umutí wītwá*umurêngo*, akaja arazisīga mū mbavu gushika umugoré avé mu kiriri.

3.2. Umwūgawókubûmba kw'Ábatwá b'í Mahōnda

a) Ibikórēsho n'îyó bivá.

Umwūga wó kubûmba nk'íyĭndi myūga yöse urafise ibikórēsho biwurănga:

***1)Urukógoto*:** ni agakórēsho bakorêsha mu kwăgura imbere. Ukó bagēndá barahīnga umuhiro ni kó bāgúra n'ímbere. Urukógoto barukūra ku gishíshwa c'úmuhănyu w'íkibăngabānga cēzé nêzá.

2) Igikūvyo: ni icó bakorêsha mu gukūba hējuru kū mbigá, ku munwa w'înkóno. *Igikūvyo*ni agashămbara batabúra kū mpŭzu yahéze bakaja barakóza mu mâzi.

3) Umutsēmbo: umutsēmbo utsēmbūra inyuma kugíra uyigenyé nêzá itágirá amashoró (ibinogónogó). Agatsēmbo bagatamura kw'īshámi ry'íkigazí.

4) Urugenyo: rufasha kugenya inkóno inyuma kugíra imeré nêzá (guca amagárwe). Barujīsha mu muhwâzi, umurará (M.N: urugenyo ababûmvyi b'í Mahōnda bavuga kó rubagŏra kurōnka kukó ngo ibití barukŭrakó ntâ hăndi birí atári mu Rukōko).

5) Igiháruzo: ni agatí cânké akabúgitá bakorêsha mu gusēna nêzá hárya inkóno yīcárira.

6) Ikibûmbūzo: ni akabâho bakorêsha mu gukúbita inkóno mūnsí kugíra ibé ngúfi. Inkóno bayibūmba arí ndēnde hānyuma bakayūbika hāsí bakayíkubita.Ako kabâhó ngo hari ahó bagakŭra ku kayūngiro kăheze.

7) Umukúrūngizo: ukora mu gukúrūngiza inkóno kugíra iyagágire isé nêzá inyuma. Ni akabuye k'úmujabúkībúrūngushuye.

8) Igităbwa: ni igúfa ry'úkubóko kw'înká bakorêsha mu kwŭbura inkóno báhejeje kuyíbūmba báyikūra kurujo.

9) Urwămfu: iyó babuzé urugenyo mu gucá amagárwe kū nkóno bakorēsha urwămfu rwūmyé.

10) Igisămba*:* ni ikijîshano batwăramwó inkóno bázishōye.

b) Intâmbuko nkurûnkurú n'îngéne zikuríkirana

1) Gukûra ibŭmba: barikūza isúka mu kinogó, bagashira mw'īgunira bakîkorera bakajāna i muhirá.

2) Kubōmbeka ibŭmba: bararísuka hāsí bakarisukakó amâzi arí ryônyené

3) Kūzana intsíbo: intsíbo mu kuzirōnka bamānyura ibuye rigōmbá kwĕra rivūngágurika ryōróshe bakarihōnda, umucănga wâryo ni wó bītá intsíbo.

***4) Kunywânīsha ibŭmban'întsíbo*:** mu kunywânīsha ibŭmba mū ntsíbo bakorēsha umuhíni bagahûra kugeza bívānganye nêzá.

5) Gukāta ibŭmba: bímaze kunywâna baca báshiramwó amaguru bagakanyaga nka kúrya kw'úwufyâtura amatáfări.

6) Kunôbōra ibŭmba: imbere yó kubûmba, ibŭmba bararitōramwó utubuyebuye n'útŭndi tugumyé rigasigara ryôroshe ryöse.

7) Gutângira umutegâ (**intângoy'înkóno**): kugira umuhiro wā mbere. Mu kubûmba baja baragira imihiro, bakagēnda barayōngerakó gushika inkóno bashāká kubûmba ikwîye.

8) Gutêra imbigá: inkóno ikwîye baca báyitērakó imbigá,imbigá akāntu gushushá n'îngáta kōmékwa ku munwa wâyo kagafasha uwuyíterura.

9) Kwănikira inkóno: báhejeje gutêra imbigá baca bázānikira ku zûba iyó riharí cânké ku rusēnge mu gihe c'îmvúra.Umwănya bāníkira uravāna n'íkirêré.Iyó izûba ryāká bānikira imĭsi itanu cânké indwi imwé, iyó ritāká nahó bānikira ku rusēnge zigahéza zigateba kwŭma (indwi zibiri cânké zirēngá).Uwo mwănya kăndi urashóbora kuvāna n'úbushăke bw'úmubûmvyi, kukó hari igihe bagumá bázānikira zikarīndīrana n'ízĭndi babá bákirikó barabûmba.Murí ico gihe zirashóbora gushikana ukwêzi cânké kurênga.

10) Gutúrira: mū nyuma yó kuzânikira, bábōnye zûmye nêzá cânké igihe bĭhāye có kuzânura kígeze barahéza bakazíturira. Ahó baziturírira hītwa mu ***gicâniro***cânké mu***côto*.**Aho twōmenya kó iyo bīhênze bagatúrira inkóno itárŭma nêzáica itúrika ikagira umugāga muníni. Mu gutúrirana hó barajamu gicâniro bagashirakó inkwí zūmyé nêzá, bagatōndekāngakóinkóno zöse bashāká gutúrira, bagafúka n'údukwí dutôdutó twūmyé nêzá hamwé n'úbwătsi bwūmyébagaca bádomeka.Urubeyá rúheze, baja barūhīra ubwătsi bôngera báhīndukiza inkóno imwîmwé gushika zöse zíhīye nêzá.

Ibihĭmba vy'înkóno



Amafoto yērékana intâmbwé zó gutúrira inkóno[46]

[46]NIYUBUSHOBOZI, 2/5/2018






11) Kwōkōra nó kuzímya: zímaze gushá nêzá barazōkōra bákorēsheje igití (*icōkōzo)* bakazímya imwîmwé.Mu kuzímya bakorēsha ubwătsi bakozá mu mugĭmbu n'úmuramá (imití basemá bagasékura bagashira mu mâzi) bakaja barazímīsha inkóno imbere n'ínyuma gushika ihóze nêzá.Iyo mití kăndi iratúma inkóno iyágayaga.

Mu kumenya kó inkóno ihozé barāba kó itagifūmbakó umwôtsi. Inkóno iyó utayizimíje nêzánayó nyéne iraguhōmbera: iyó idaturítse, akariro kaguma káyinyēngetera ugasānga imîma (ivá). Iyónahó bayibŏnyekó umugāga bakiyōkōra báyizimīsha amakára n'íntobótobo máze uwo mugāga ugaca uzímāngana.

Amafoto yērékana ingéne bōkôra inkóno:



c) Ugushōra inkóno

Iyó tuboná abāntu bîtahó cāne igikorwá rūnāká cânké ikĭndi, si kubujûjú cânké gutá umwănya, haba hári inyungú yabíbŏnyemwó. Ibikórēsho bivūyé mw'ībŭmba biramaze kugwīra.Abo bagoré b'í Mahōnda n'âbâna bâbo babishira mu gisămba (bashobora kăndi nó kujîsha ikīntu kimezé nk'ígitēbo mu mashámi y'íbigazí), bakazirema imitwé bázitēmbērana mw'ībarabara, mu mayira nó mu mihana mu kurōndera abozíbagurira.

Ababûmvyi twătōhōjekó bēmeza kó atā sokó izwí badāndarizamwó inkóno zâbo. Ngobarazítēmbērana uwuyíkeneye akabagurira.Inkóno bazigurīsha imfŭngurwa cânké amaherá.

Izo mfŭngurwa na zó ni izó arí zo zöse (ibiharage, ifu, umuceri, ubudŭdu, ibijūmbu,…). Bēmeza kăndi kó atā rugezo ruharí, ngo biravāna n'úburyó bwā nyéne kuyigura, ukwĭkūra kwîwé, ingéne inkóno inganá n'ĭbindi. Ivyo bikababísa ku vyó kuryá nó ku maherá.

Kurí ivyo, BAREKENSABE agira ati: "*kĕra indyá zíkihari, ntā maherá twătōra, băduha indyá kăndi bădupīmira mū nkóno baguzé… intāngo yôyo măma hágize uwuyîntuma naménya kó nōgóroye!*"

Ku bijânye n'înkóno z'ímigirwá hôho ngo bărazigúrīsha ibīntu vyĭnshi, mberé n'ínzogá zikanyôbwa. Arōngerakó ati: "*iyo nkóno kare nkiyibūmba, uwayîntumye yarâmbwîra umŭsi nzôyimúshīrakó, agatara inzogá akānzimāna bimwé bikwīyé, izĭndi akăntēkerera, eka yarântêkerera n'ígiseke kibonéka kwĕri!"*

d) Amôko y'înkóno z'í Mahōnda nó mu Bihînda

Ivyó twāmázé kuvúga vyöse ku mwūga wó kubûmba, twābivuze murí rusăngi, aríko rēró inkóno ziri amôko mĕnshi. Ayo môko ashobora gufátira ku bikorwá izo nkóno zikóra, ku kŭngene zīngána, ukwó zikózwé n'íbĭndi. Mu gicé gikuríkira tugōmba kwĕrekana ayo môko y'í Mahōnda nó mu Bihînda n'îngéne atāndúkānye twîsūnze itōhōza twăkoze: hari izikórēshwa ibikorwá bitāndúkānye mu mihana y'ábāntu, hakaba n'îzímigírwá.

1^0) Izikórēshwa mu mazu, zisānzwé.

- *Ikárabo*: rifise umunwa mutôyi, mugábo ukubóko kurácamwo mu kuyôza nêza imbere. Barishiramwó amâzi kugira agúme akánye. Ikárabo ryōba rijamwó nk'íbido imwé;
- *Impāngé*: iyo nkóno ni níni cāne kăndi ifise umunwa muníni, ishobora kujamwó ibido zitatu n'ígicé cânké zíne. Bayitaramwó inzóga; icĭtiranwa c'ímpāngé ni *intāngo.*



- *Umunóga*: ni nk'îkárabo aríko bitāndukāniye ku buníni nó ku munwa. Wôwó uracîshwámwo igikōmbe ukadáha amâzi. Umunóga ujamwó nk'íbido zibiri;



- *Iyitêka:* inkóno zitēká na zó nyéne ziri ubwôko bwĭnshi. Ku bwó abătānze inkurú ngo hōba hári ubwôko buné bw'înkóno zitēka nâhó atā mazína yâzo azwí:
  - Iyitêka intete, ukarârira ukarâza;
  - Iyitêka ibiharage n'înkózo vyó kuryá nko ku murāngo gusa;
  - Iyitêka inusú y'íkiro c'íbiharage n'ímbogáboga;
  - Iyitêka imbóga zó mw'īsóko (inyama, umukēke, indagara)

Ukwó vyāndítse ni kó zigēndá zírushānya ubwăguke.

- *Umubêhé:* bawukorēsha mu gushûsha amâzi makêyí (yó kwŏza nk'ûmwâna mutôyí), ngo kĕra ni yó băriramwó, cânké bakayinywēsha amâzi. Abatwá b'í Mahōnda bôbó bayidahururiramwó amărike bakōngera bakayipfūndikiza inkóno;



- *Ikigānzo:* bacíta kăndi ikigārigāri, na yó ni inkóno y'úmunwa muníni nk'ísafuriya na yó nyéne ni iyó gutêka ivyó ari vyó vyöse kukó harí nínīníni na ntôya.



2^0) Inkóno z'ímigirwá

Iyó tuvuzé inkóno z'ímigírwa tuba túvuze izăkorēshwa mu migírwa ibiri mikurúmíkurú: kubāndwa nó gutérekēra.Murí izo nkóno, harimwó nyĭnshi zăkora murí iyo migírwa yöse ukó arí ibiri hakaba kăndi n'ízĭndi zăkora mukubāndwa gusa. Ivyo tubikūra mu gitabu cānditswéna CIZA Gilbert[47]. Yĕrekanye ubwôko butānu bw'înkóno zăkorēshwa murí iyó migirwa,kăndi izo zöse zirabûmbwa mu Bihinda n'í Mahonda:

[47]CIZA Gilbert, *kazīndūzi k'ámajāmbo yērékeye kubāndwa nó gutérekēra.Itōhōza ryăbēreye murí komĭne Rutana*, Bujumbura 2011, pp63-65.



- *Bigōmbo*: inkóno ifisé ibigōmbo bibiri ku mabōndo vyó gufáta, yūzuzwa inzóga y'íbishěgu mu gihe có kubāndwa;



- *Ikarábo ryā Rúbāmbo*: ikárabo rifisé iminwa iné Rubâmbo yanywêramwó mu gihe có kubāndwa;
- *Intákōmbwa*: ikárabo rifisé izosi nk'úmukuza riravyé ingōndo kw'ízosi, kirānga yanywêramwo mu gihe có kubāndwa cânké bakaryûzuza ku batérekēra;ni agakóno gafisé umunwa mutó, n'úkubóko ntigúcamwó nó kukôza imbere ntivyokūnda.



- *Inkóno y'íminwa itatu*: inkóno y'íminwa itatu ităhara mū ndâro ya Rugabo cânké ikaba iyó ibihwêba binywēramwó mu gihe có kubāndwa;



- *Minwibiri*: inkóno ifiséiminwa ibiri bakorêsha mu gutérekēra bakayūzuza inzóga hānyuma bakayishira mū ndâro, mu kubāndwa na hó ibihwêba bikayínywēramwó.



Nk'ûkó twăbisomye mu gitabu *c'ícegēranyo c'ívyătōhojwé*[48], uwo mucó urafisé ikimazi, uratûnzé Abatwá, urabáfasha kwíteza imbere ndetsé n'íyĭndi miryāngo irakórēsha inkóno mu gutêka, kuvōma, kugana, kugemura, gushîngura.Hari n'ábazíkorēsha ubu mu gushariza inzu n'íbibănza. "Hari n'âhó zikorêshwa mu kuragura nó mu guhéza iyĭndi mihângo tutībágiye kubāndwa nó gutérekēra.Izo nkóno ni zó bītá rēró iz'ímigírwa."

3.3. Imigírwá yó kubāndwa nó gutérekēra mu Burŭndi

Ku vyĕrekeye kubāndwa, uwo mucó warí ukwîye igihugú cöse kubêra atāwashóbora gushikīra Imâna: Umurŭndi yacá ku muhŭza arí wé Kirānga. Bávuze rēró*kubāndwa*, ntibasigá inyuma *Kirānga*. Kirānga na wé, abānditsi batāndúkānye băravúze uwó ari wé n'ámâmūko yîwé: NTAHOKAJA[49] avuga kó Kirānga yōbá "yarí umwâna w'úmwămi hānyuma apfīra mu rugămba". RODEGEM[50]na wé avuga kó yagûye mu ruhĭgi acúmiswe ihĕmbe n'îmbógo cânké impōngo bívānyé n'ímihîngo bivúgwamwó.

Kuvyĕrekeye amâmūko ya Kirānga na hó, vyogórana kuyamenya aríko mu bihúgu vy'íbiyága biníni ivyó kubāndwa vyămyeho kuva kĕra.

Mu Burŭndi rēróumugirwá wó kubāndwa kwăba arí ukwībuka Kirānga hamwé n'âbîwé, ukurōndera urukíza mu gihe umūntu arí mū ngŏrane, mu kwĭkīngira mu gihe havūtse amahása, mu gihe harí ingŏrane mu mubâno hagatí y'úmugabo n'úmugoré, …

B. ZUURE[51]ni wé avuga kó kubāndwa arí nk'úbuhūngiro ku mugoré afashwé nâbí.

[48]UNESCO, Imico n'imigenzo ndangaburundi n'abayitirirwa, Icegeranyo c'ivyatohojwe p171, Bujumbura 2009.
[49] NTAHOKAJA J. B., Imigenzo y'ikirundi, Bujumbura 1977, p159.
[50] RODEGEM F. M., « Motivation du culte initiatique au Burundi », in *Anthropos*, vol 16, nº 5-6, 1971, p863.
[51]B. ZUURE, Croyances et pratiques religieuses des barundi, Bruxelles, éd. de l'Essorial, 1929, p28.
« La possession du culte de culte de Kiranga est comme une sorte d'abri pour une femme maltraitée.»

Imigírwa nk'ĭyó kăndi yarí mu migēnzo y'Abarŭndi kukóna MBITI[52] abivuga ku banyâfiriká böse ngo ahari Umunyâfiríka harāngwa imyĭzērere yîwé akayikorēsha mū ndimiro yîwé agîye kubíba imbúto, ndetsé n'îyó agīyé kwīmbura ivyā mbere vyēzé.

Uwo mugēnzo wó kubāndwa NTAHOKAJA yarávuze ingéne wagênda. Mu kubāndwa umūntu yatêrwa n'întêzi kubêra kĕra ntā Mâna bări bâzi, ntibări bâzi kó Mŭngu arího, băgira ngo Imâna ni Kirānga.Uwăruka wĕse yakúra azí kó Imâna arí Kirānga kukó yāmá yâmwĕretswe na sé na nyina. Iyó amazé gukúra agashīnga urugóna wé agahámagara Kirānga.Yatângura kubîka ubumera bukêyí bwûzuye agaseke bukaba ubwā Kirānga.Ntibwăvaho, bwărahítira nâhó bwămara imyâka ingâhé, umŭsi baterékēye Kirānga ni hó băbumuha. Bărabwĕngamwó inzogá ya Kirānga bakavānga na búshăsha, iyo nzogá bakayíhwanya, bagahamagara Kirānga.

Ku vyĕrekeye *gutérekēr*ahari abashâka kuvyītiranya nó*kubāndwa* aríko biratândukānye twîsunze ibikórēsho ababíkora, ikibănza n'îngéne bikórwa.

Gutérekēra ni mu muryāngo, kubāndwa birarêngeye mu muryāngo. Ijāmbo gutérekēra rivūye mu "gutéreka". Gutéreka rifise insígūro nyĭnshi:

a) Gushíra ikīntu ku kĭndi cânké ahāntu.

Uturorero:

-Tereka iyo nzogá.

-Tereka ico gikōmbe ku mêzá.

b) Kureka ikīntu cânké igitŭngwa kigakúra cânké kigakomera.

Uturorero:

- Ako gatōke nagáterekeye urubănza.
- Ni kukí muteréka inzâra?
- Iyo suguru warí wárayitéretse.

c) Guhá inzogá, ibinyŏbwa vyĭnshi abatumíre cânké abarí mu rubănza

Akarorero: - Bāri bâteretse inzogá zīnganá gúte?

"*Gutérekēra*" na ryó risigūra guhá amashikánwa, ibirĭbwa, ibinyŏbwa n'íbĭndi abăpfūye kugíra imizímu yâbo ntĭbatēre cânké bashīme ku vyîzá bărōnse. Ni ugusāngira rērókw'ábazímu n'ábăpfūye. Abăterekēra băriabaryāngo, kăndi băterekēra umūntu yapfûye yáravyâye, agaterekērwa n'ábamwâmūkakó.

[52] ZUURE B., op.cit.1928, p8. "Là où il y a un africain, il y a son religion. Il l'amène dans les champs où il sème son grain et où il récolte une nouvelle moisson. "

Mu kwĕmera kw'Ábarŭndi, umūntu ntâpfá ngo aheré. NTAHOKAJA[53] ni wé avuga ati: "*Abarŭndi bămye bêmera kó umūntu adapfá ngo aheré, harí igisígara. Ikibiribiri kirasānguka hagasigara umutíma…"*

Umūntu rēró iyó apfūyé, umuzímu urasígara nawó ni uwo mutíma NTAHOKAJA yavúze. Umuzímu ni akāntu katabonéka, kadafadíka, gasigára iyo umūntu apfūyé karushá ububăsha abakírihó mu vyîzá nó mu bibí.Bărawútînya kukó wagíra nêzá ukōngera ukagira nâbí.Warákiza ibirwâra bikomâkomeye, ukōngera ukabíkiza hábayehó gutérekēra.

Ugutérekēra rēró murí rusăngi ni umugirwá w'ábanyamuryāngo wó guhá amashikánwa, imfŭngurwa n'íbinyŏbwa abăpfūye mū ntūmbēro yó gukomeza ubumwé hagati y'ábăpfūye n'ábasígaye. Uwo mugirwá uba kū nêzá cânké kū nâbí.B. ZUURE wêwé[54] avuga kó umūntu apfûye asēzérana n'ábasígaye akabábwīra nk'úwurága abasába kó bōmuzigámira ivyîwé. Ngo arabábwīra kăndi kó níbatāgira nk'ûkó akūndá gukóra, nk'ûkó abishăka, nibatārābana bávūkana, bátagiríraniye nêzá, umuzímu wîwé uzōbōmēra, uzobasukakó amahano, uzōbakurikirana, uzōbīca, báheze baboné kó arího.

Kubóna umūntu adapfá ngo aheré, D. NOTHOMB[55] avuga kó abapfûye bagumahó, bakaba mu bâna bâbo; ni có gitúma baterékēra umuvyêyi yavyâye, agaterekērwa n'âbîwé bamwămūkakó.

Nk'ûkóAbarŭndi nka böse ubu basēngá, nikó vyări na kêra kăndi böse vyăranyúze nó mu misokōro. Kĕra vyăbēra mu miryāngo, mu bigabiro n'áhăndi, ubu nahó bibēra mu masēngero. Akăhise gategūra kazôzá, ntāwŏvyiyobagizacânké ngo avyĭrēngagize, Abarŭndi bĕnshi nacānecâne abátări bâzi ukubāndwa nó gutérekēra bāzi kó arí bó basēngá bônyené, yámarátúmaze kwĭga nó gusoma ivy'ákăhise twōvuga kó atarí vyo. Na BAREKENSABE, umwé mu băduhāye inkurú yēmeza kó kĕra batăsēnga, ati: "***ubu ivyó gusēnga vyăje hári umūntu yōbá agíkora ivyo bīntu vyó kubāndwa nó gutérekēra yámara! Oya vyări ivyā kêra gatoriká itárāza."***[56]

3.4. Inkóno ya Bigōmbo

- *Inkóno ya Bigōmbo*: iri mu z'ímigirwá kubêra twîhwēje nêzá ingéne ibūmbwá n'ímiziro bijānyénayó birêrekana kó itarí inkóno isānzwé.Ngo kĕra iyo nkóno ntā mugoré

[53]NTAHOKAJA J. B., op.cit 1977, p157.
[54] ZUURE B., op.cit.1929, p12
« Garde mes affaires. Si tu ne fais pas comme j'ai l'habitude de le faire, comme je le veux, si tu ne veilles pas sur tes frères, si tu n'agis pas à leur égard, mon muzimu te tracassera, il te portera malheur, il te suivra, il te tuera, tu t'apercevras que je suis là.»
[55]NOTHOMB D., op.cit, 1965, p152.
[56] BAREKENSABE Goreth, Mahonda, 08/7/2014

akivyārá cânké inkumí yayíbŭmba, ngo ntiyōhavūye yîgera abóna n'íyikóroka (ku wutárāvyâra) cânké ngo yōngére kuvyâra (kuwarí akívyāra). Ni ukuvuga rēró kó iyo nkóno yabûmbwa n'úmugoré akuzé kăndi atakivyāra. NDAJUJUTA Tatien[57] ku bijânye n'ĭyo nkóno yŏngeyekókó uwuyíbŭmvye akíri mutó yacá afátwa n'íbigwâra bikomâkomeye máze bikavūrwa n'ĭyo nkóno.Bigōmbo ifisé umunwa umwé, imeze nk'îyó gutêka ikagira ibigōmbo vyó gufáta.

Ku bw'ábabûmvyi b'í Mahōnda nó mu Bihînda, inkóno ya Bigōmbo na bó nyéne bayīzi nk'íyizíra. Abótwăbajije böse kó bōbá bábūmba inkóno z'ímigirwábărahákanye abăndi bakiríbató barîtwēngera bati: "***Izo nkóno twēbwé ntázotwōbūmbá, kíretse ubájije abāntu bakuzé***." Bigaragara kónabó nyéne harí icó bāzí ku miziro ijānyé n'ĭzo nkóno.

Uwĭtwa kó abasŭmvya imyâka twăbajije ni BAREKENSABE, yavúze ati: "*Izo nkóno kĕra abāntu bátarâja mu vyó gusēnga twărazibûmba, bărazidútuma cāne*." Túmusavye insígūro n'íbĭndi yōbá azí kū nkóno ya Bigōmbo, yatúbwīye kó băyikorēsha mu gutérekēra uwatévye kuvyâra cânké uwurwâye cāne nk'întêzi, ibisazi(ivyó ubu bītá ibisígo), umusōnga,…

"*Bărūbaka inzu y'ímiryângo ibiri, bagahîga inzogá y'împéke bakajānayó, uwo mukŏbwa bakamutērerayó icănga (impéke) agatéga amashí, akanywēra mu rwâto."*

- *Urugorí:* rufise imigozígozi ibiri hagatí ikagira imbigá imwé hējuru. Barabûmba inkóno bakayimara, ahó bōshizekó imbigá bagaca bátānguriraköiyĭndi nkóno. Bashobora kugira urugorí rw'înkóno zibiri cânké zitatu zigeréranye.



[57]NDAJUJUTA Tatien, La forge et la poterie en milieu rural : cas de la commune Kayokwe, Bujumbura 1984, p43 «Cette interdiction s'appuie sur deux arguments : d'une part, une jeune femme ou une fille qui se lancerait dans cette aventure n'enfanterait plus ou jamais. D'autre part, dit-on, elle serait atteinte des maladies que cette poterie est appelée à guérir à savoir «abaganza», «amashinga» et «intezi».», p43.

Urugorí n'întákōmbwá zöse ni iz'ímigirwá kukó ngo zigēnda zíherekeje Bigōmbo mu gutérekēra.

Turahejeje kwĕrekana amôko y'înkóno zibūmbwá n'Ábatwá b'í Mahōnda nó mu Bihînda.Twāvúze kăndi n'ákamaro k'ĭmwīmwé. Twābōnye kó zöse zări zífitiye akamaro Umurŭndi wa kêra ndetsé n'úw'ŭbu kíretse iz'ímigirwá zări zígafitiye abā kêra bônyené, iyo migirwá ikíhari.

3.5. Imiziro ijānyé n'ŭwo mwūgan'ûmwîhwēzo wâyo

Nk'ûkó twāmazé kubívuga, imiziro ni ibīntu usāngá bíbujijwe gukóra, kuvúga, kuryá cânké gukórakó, máze uwukírēnzekó akagira ingŏrane. Hâba mu miryāngo nk'ûkó twābibŏnye hămye hárihó ivyó baziríriza. Nó mu vy'ímyūga, harihó ibizíra. RUCAKUMUGUFI Séraphine, mu gitabú yănditse cītwá "Le vocabulaire technique des potiers batwa"[58], itōhōza yagíze mu makómĭne ya Busīga na Ngōzi kū mpapuróz'109-110 yasânze hári imiziro ikuríkira :

- Umugoré arí mu kwêzi ntiyarâba ahó babūmbá;
- Umugoré yavyāyé ntiyĕgēra ahó babūmbá;
- Uwufíse inda y'âmêzi makêyá ntiyĭcara murí izo nkóno
- Cărazíra kó uwacîye mu mayirâbirabiri azĭcaramwó bátarâzitúrira;
- Umurozi ntíyĕgēra ahó babūmbíra
- Umugabo yībárutse ntiyazá ahó babūmbá;
- Cărazíra gukûza ibŭmba umuhŭnda;
- Cărazíra gutúririra imágasi murí izo nkóno ;
- Inká ntizēgêra ahó baríko barabûmba;
- Uwĭkoreye ibŭmba cărazíra kó ahūrá n'ábabûmvyi b'ínkero
- Iyó ukwêzi kubonétse bátarâzitúrira zăca zímenekera mu cōtezo;
- Ntā mubûmvyi yaryá ibīntu bisōsáagíra akoré igikorwá có kubûmba;
- Iyó agōmbá gutângura ico gikorwá có kubûmba cărazíra kó aryá indyá zirímwo umûnyu.

Hā ruhănde y'ĭyo miziro RUCAKUMUGUFI yatôhōje, nătwe iyo twăkūye mw'ītōhōza ry'í Mahōnda niiyi:

- *Inká ipfûhiye mu gicâniro, inkóno zica zíhōmba;*

[58] RUCAKUMUGUFI S., Le vocabulaire technique des potiers batwa des communes de Busiga et Ngozi, description morpho-sémantique, Bujumbura, 1987

Inkóno ntizikoméye,zisabwa gushírwa kure y'ívyǒzibāngamira,ni ingēndo yó kuzikīngira ngo ntizímeneke

- *Kirazira gushīnga ikimīto mw'ībŭmba;*
  Umwîhwēzo w'ŭwu muziro usa n'ŭwo wó hējuru
- *Inkóno ukwêzi kúzicīyemwó zítarâramurwa zica zípfa;*
  Uwu ni umuziro w'úgukéburira ababûmvyi kwĭha ihāngiro ryó kunyárutsa igikorwá
- *Kirazira kwēgereza icūhiro c'înká cânké umûnyu ahó ibŭmba rirí, zica zihōmba;*
  Ni mū ntūmbēro yó gukīnga impanuka zöse zōshikíra inkóno kū mvo z'ívyǒkwīvānga n'íbŭmba;
- *Ibŭmba uríshize ahāntu harí amasaká cânké umuceri zica zíhōmba*
  Ni có kimwé n'ĭyi nsígūro yó hējuru;
- *Umwâna akárabiye mu kibûmbiro ahéjeje kuryá inkóno ica ipfá;*
  N'ŭwu muziro ukīngira inkóno;
- *Umūntu agútumye inkóno igaca ipfá aba afíse umutwé mubí;*
  Uwu si umuziro nk'ûkó bǎvyībajije,ni urwîkēko;
- *Kirazira kurāba ahó baturírira inkóno wâcîye mu mayirábiri*
  Bǎshāka kó uwo mwūga umenywa na bênewó,haníni bǎnka ko abǎndi Barŭndi bōza kubákēngūriza umwūga.
- *Kirazira gukúbita inkoni hāsí báriko baratúrira inkóno, zica zíkānguka (zikamânyagurika)*

Insígūro y'ŭwu muziro ijānye no gukīngira izo nkóno impanuka ;

Imiziro twǎtōhōje mu Batwá bó mu Bihînda nayó ni iyi:

- *Kirazira kóAbahutú n'Ábatūtsi bēgêra ahó baturírira inkóno, ngo zica zímeneka zöse;*
  Ni insígūro ijānyé no kutâráraza ibijânye n'úmwūga mu bǎndi Barŭndi
- *Kirazira kuryá indyá zirāyé ugîye gusoroma ibŭmba, ngo uruzino ntirwōfata, inkóno ntībá ikírāmba;*
  Bǎshaka gukéburana ngo bagirire ubwīra igikorwá kugíra bōyé gucērwa ku kivi,kǎndi ntibávānge umûnyu n'íbŭmba
- *Iyó bucá báshōra inkóno kirazira kurârana n'úmugabo ngo aba aríko ararênga urudǎndazwa rwîwé, ntibahezá ngo baziguré;*
  Ni icîyumvīro có kuzírikana ku gikorwá câbo kuruta ikĭndi cöse cūbáshwe
- *Kirazira gukóra ku mûnyu ugaca ukóra kw'ībŭmba ngo zica zísatagurika*
  Ni mu ntūmbēro yó kutávāngá ibŭmba n'ívyǒnōna.

3.6. Itērambere mu mwūga wó kubûmba i Mahōnda nó mu Bihînda

Iyó tuvuzé“*itērambere”*ni ivyo vyöse vyērékana kó ikīntu cătēye intâmbwé kíja imbere, cûnguka cânké gíhīnduka mu kubá cīzá cânké kikagwīra.

Twîsūnze ivyó tūzí, twăsomye cânké twŭmvīse, ababûmvyi böse b'Ábarŭndi bītwa iryo zína*Ababûmvyi* kubêra igikórēsho bakorêsha aríibŭmba.Iyó twūmvîse *umubûmvyi* kăndi twīhūta kwŭmva inkóno.Ntitwōvuga rēró kó murí uyu mwūga hăbāyehó itērambere kukó inkóno nyĭnshi băhora bábūmba kĕra ubu ntibakizibūmba, na cānecâne iz'ímigirwá. Izisânzwe na zó nyéne ntibazibŭmba ku bwĭnshi kuruta hā mbere kukóAbarŭndi bĕnshi bărĭjūkiye ibikórēsho vy'ábanyámahănga nk'ámasafuriya n'íbĭndi.

Yámará rēró hā ruhănde y'îvyó twăkūye mw'ītōhōza nó mu buserānguzi bijānyé nó kubûmba, hari itērambere ryĭbonekeje murí uwo mwūga. Túvuze iryo tērambere ntidushātsé kuvúga kó hōbá hári ubuhĭnga băhora bákorēsha bwăhīndutse, ntidushāká kăndi kuvúga kó ibikórēsho băkorēsha murí uwo mwūga n'ámazína yâvyo yōbá yárahîndutse. Aríko hari igikórēsho cīyóngēra kurí izo nkóno twāvuzé twăsānze abo Batwá bâzi gukóra, na có ni ***Imbabura***.

Imbabura ni igikórēsho gifisé amâmūko mu bazŭngu, ndetsé nó kugeza ubu Abarŭndi bĕnshi bakaba báyīzi nk'íyigénewe gutêkwakó n'ábakiré. Abanyátugénegéne b'Ábarŭndi băragîye barîgāna mu gukóra ico gikórēsho mu buhĭnga butāndúkānye; yámará bĕnshi muríbo barîfashīsha udukórēsho njábukamâzi nk'ûtwûma, intsĭnga, amabāti n'útŭndi.Abatwá twăgizekó itōhōza bôbó barabûmba imbabura zikoméye kăndi zīkwîje mw'ībŭmba ryônyené,ndetsé ikanárāmba gusūmba zimwé murí izo z'ăbo bândi.



IKIGABÁNE CĀ KÁNE:

AMAYĂGWA AJĀNYÉ N'ÚMWŪGA WÓ KUBÛMBA

4.1. Amayăgwa, irivúga kuyāga

Ijāmbo *amayăgwa*, Umurŭndi aryûmvīse arûmva kó rivūyé mu rivúga *kuyāga*. Iryo jāmbo rirasāngiye umugwi n'áyăndi majāmbo avūyé murí iryo rivúga nyéne.

Amayăgwa rēró twōvuga kóarí uruhĕrerekane rw'ínkurú, amajāmbo, imvúgo, imigirwá, vyăgīye biravúgwa (birayāgwa) kuva kĕra birashikīra nó ku rūnganwe rwā nôné.

Hari amayăgwa yīgwá n'ábanyêshŭre bó mu mashŭre mató n'áyĭsūmbuye, nayó ni nk'úturorero: imyĭbutsa, imiganí n'íbitito vyā Sámăndari na Ínarunyônga, ingéne bŭbaka inzu kĕra, ukujîsha igisēnge, uruhĭgi,imvyíno z'íkirŭndi, ukó băvūza imití y'íkirŭndi, amazína y'úbuhizi,…

Ayo mayăgwa yöse yarávuzwe hānyuma arāndikwa mu bitabu. Murí yo harimwó ayĕrekana ibikorwá n'ímyūga (guhîga, kujîsha, kwŭbaka, kuvūra …), hakaba n'áyavúgwa gusa kugira anēzéreze abayûmva cânké abĭgīshe (kuvyína, gutita, imyĭbutsa, kwĭvuga amazína,…).

Mu Burŭndi, murí Afrika, ndetsé nó mu mahănga, igikorwá kugíra kiryōhé kăndi kinyarúke bisaba kó abagíkora babá bánēzerewe kăndi nabó babá bágikūnze. N'ábānditsi NDAYISHINGUJE Pascal[59]na NITERETSE Félix[60]băragíze icó babivugakó. Bavuga böse kó igikorwá cöse kiryōshwá n'úmunêzēro urāngwá mu bakózi na bó bakawukūra mu turírīmbo, mu tuvyíno, utuganí n'útŭndi tujāmbo turyōshé.

Mu Burŭndi hăhoze hári icó bītá*ikibirí*, na rwó rwări urunaní rwógukórera hamwé.Abăkorera mu kibirí băravyína, bakarírīmba, ikivi kikadūga bátabĭzi, nivyó bĭta *guhīndīsha ikibirí*.Ayo nayó nyéne ni *amayăgwa ajānyé nó kurima*.

Amayăgwa ajānyé n'úmwūga ni ivyo vyöse twātānzé haruguru, iyó vyērékeza ku mwūga kānaká mu kuwuhayagiza bêrekana akamaro kâwo, mu kuwúrirīmba, bînonora imitsí, mu

[59]NDAYISHINGUJE Pascal, «Technologie de la pêche en rivière », in *l'Arbre-mémoire*. Traditions orales du Burundi, CCB et Ed Karthala, Paris, 1984, pp231-249.
« Ces chants ont essentiellement un double objectif : d'une part, ils rythment cette activité, et d'autre part, ils évitent aux pécheurs de trop vite sentir les effets de la fatigue. En outre, le rythme des chansons qui donne la cadence au travail leur permet de travailler rapidement et dans la gaîté. » p236.
[60] NITERETSE Félix, Une approche anthropologique du chant des pêcheurs d'après une enquête menée encommune de Buganda, Province Cibitoke, Bujumbura 1990, p4.
« Nous sommes ainsi d'avis que la fonction de tous ces chants est celle d'activer les énergies des travailleurs par la mélodie et surtout par le rythme, et permettre ainsi non seulement un haut rendement, mais aussi l'enthousiasme à l'ouvrage et la solidarité au tour de la besogne. », p4

kuryôsha umudīho w'ígikorwá, mu kwŏrosha imihogó bakabona nó kunyárutsa igikorwá kăndi ntibáruhe.

Muríayo mayăgwa yöse tuboná arí mu Burŭndi, ababûmvyi b'í Mahōnda nó mu Bihînda twăsānze atâ mĕnshi bayăzikó urétse kó bīrâta kó umwūga wó kubûmba aríwo barirîmba, bakavuga kó umwâna wëse azôgáya cânké agahemukira uwo mwūga azôbá abáhemutsekó.

Kurí ico, hari umutāmakazi yītwá BAREKENSABE Goreth yadúshikirije igitito kijānyé n'ŭwo mwūga wâbo:

4.2. Umugani wa"Mwîshwa wa Rwānkiriza"

"Hăbāye umukŏbwa, uwo mukŏbwa akaba umutwâkazi.Akagira inárume yĭtwa Rwānkiriza. Uwo mukŏbwa kăndi yarágayana, akagaya iwăbo, akagaya n'úmwūga wa nyina arí wo wó kubûmba, akagira ati: "Jēwé sínzōkwĭyanduza ngo ndikó ndabûmba!" Nyina wîwé akāma amúhanūra imĭsi yöse, abônye barúmunawé bárikó barabûmba ati: "Endâ mwănānje réka kwĭmāramāza ejó nănje ntŭze umăramāze ngo mburé umukwé!" uwurí umukŏbwa ati : "Ĕmwe kira ntâ mukwé uzobúra, mberé ushîma jēwé nzōja mu Bahutú!" Hácīye imĭsi nyina yámuhanūye kuva kĕra arateba araruha, nikó gufáta ingīngo yó kureka kugaburira wâ mukŏbwa, agíra ati: "Kó nagúhanūye kĕra ukānanira, guhêra ubu ntŭze wōngére gukóra kū nkōko imwé n'âbâna bānje, kukó ivyó baryá biva mw'ībŭmba wagáye."Wâ mukŏbwa abônye hácīye imĭsi ibiri ataryá, inzara imúgōndōje aratá arômoka, afata inzira agēnda arayérēra. Ashíkiriye umuhana baríko barabûmba agatērera mu kajwí ati:

> ***"Ndâzi kubûmba, ndâzi kubûmba;***
> ***Ndi mwĭshwa wa Rwānkiriza;***
> ***Ndâzi kubûmba;***
> ***Ndi mwĭshwa wa Rwānkiriza;***
> ***Imibĭndi y'í Murâmba;***
> ***Ndi mwĭshwa wa Rwānkiriza."***
>
> Nabó bâmwūmvirije kĕra bakavúgana bati: "Ĕwe umwĭgeme arí hano ni intŏre, umūntu azí kubûmba imibĭndi angána gútyo! Kăndi imibĭndi y'í Murâmba turayîzi irakomera cāne.Nimumuzimâne ahezé atubŭmbire umubĭndi!"Bakamugaburira, bîbaza ngo agōmba ababŭmbire, akayōragura máze ahéjeje agakûzakó akîruka.Uwo mukŏbwa, ahó bwījé agéze nihó yarâra, búkēye agakomeza kuyérēra nka kwâ kūndí. Yôngeye gusōnza akōngera kurāba ahóAbatwá babá akaja kurírīmba kwâ kūndí

kwā mbere ati:

Ndâzi kubûmba, ndâzi kubûmba;
Ndi mwǐshwa wa Rwānkiriza;
Ndâzi kubûmba;
Ndi mwǐshwa wa Rwānkiriza;
Imibǐndi y'í Murâmba;
Ndi mwǐshwa wa Rwānkiriza

Máze na bó nyéne bámwūmvīse kó azí kubûmba imibǐndi arí mutó, bakamugaburira, ahéjeje ahó bōmutumyé bagasānga aharí impené hásigaye ikiziriko. Yábikoze kěra arateba aramenyēkana, baramúhērerekanwa ntíbāba bágisubīra kumúha indyá zâbo, apfa ayérēra, asāngukira hējuru."

UGUSÔZĒRA

Iki gikorwá twăgikoze dúfise amahāngiro atatu kăndi yöse yaráshitswekó urétse kó ingŏrane zităbuze na kare ntā nyāmbo iburá agahōnzi:

- Kumenya imiryāngo yöse y'Ábatwá yagérēreye i Mahōnda nó mu Bihînda, inkómōko, imicó n'ímigēnzo yâbo n'íbĭndi;
- Kwĕrekana nó kudôndōra amôko y'înkóno zibūmbwá n'ăbo Batwá, ubuhĭnga bakorêsha, akamaro kâzo, ibikórēsho vyâzo n'íbĭndi,
- Kwĕrekana imigirwá, imiziro n'ámayăgwa bijānyé n'ŭwo mwūga.

Imiryāngo itarí miké twărayiménye, amôko y'înkóno babūmbá nayó twărayaménye ndetsé n'ímigirwá, imiziro n'ámayăgwa bărabitúbwīye ukó babĭzi.

Iki gikorwá căratwŭnguye ubumenyi ku bijânje n'ímiryāngo y'Ábatwá n'úmwūga wó kubûmba inkóno. Twīzēra kăndi kó kizôbá ngirakamaro cānecâne ku rwāruka rugikurá ndetsé n'ábakúze bazôgíra inyôta yó gutāhūra vyĭnshi, bibatĕremwó agatíma kó kurōndera kumenya akăhise kâbo, kumenya imiryāngo yâbo nêzá, ubúdasá bwâbo ku vyó baziririza, imicó n'ímigēnzo yâbo, amâmūko yâbo n'íbĭndi vyĭnshi.

Yámará rēró twăsānze arí igikorwá gísabaukwĭtānga gukoméye hâba mū nguvú, mu mwănya ndetsé nó mu mafarānga. Abó twăbajije nka böse bĭbaza kó turíko turakórera amafarānga abăndi bakībaza kó turíko turakóra itōhōza ku bijânye n'âmâmūko yâbo ngo tubasubíze iyó băje báva hamwé n'ízĭndi ngŏrane zitāndúkānye.

Aríko nâhó vyătugōye gútyo twărashóboye kurōnka ivyó twări dúkenenye; kukó hări ibibázo vyăshoka bírōnka inyishú bítagōránye ibĭndi bikazíbura bívānye n'ûkó bĕne gukórwakó itōhōza batabĭzi cânké bīgúmije tugaca túbibāngīra cânké tukavyîhóza.

Mu bihe vyā nônė ntāwŏkwīrēngagiza kó bimwé mu bigíze akarānga k'Úburŭndi biríko bigēnda amazimáyōngo. Icíbonekeza ni ukó Abarŭndi bĕnshi batāzíamâmūko y'ímiryāngo yâbo, ibirânga imiryāngo yâbo, mberé n'Ábarŭndi batarí baké ntibāzí imiryāngo yâbo. Ikĭndi cībónekeza ni ukó imyūga kavūkíre yatîtūtse ndetsé imwîmwé itēra ihéra burūndú. Hari kăndi inyîfato, imigirwá n'ímiziro bitagikurikizwa, bamwé bati ni ivyā kêra kăndi ntaco bimazé ngo

"*amasé ya kêrantágihoma urutaro*". Yámará ntitwîbagire kó "*agashitsí kā kêra kavūmbíkaumuriro*" kăndi ntibîshīmire ibikorwá vy'ábazŭngu n'înyígīsho zâbo būmvá, basomá cânké baboná kū mbonēshakure cânké kū ngurukanabumenyi. Bībúke kó "*umuhíni mushăsha utērá amabávu"* kăndi kó *"utâye akarānga ubá utâye akabānga".*

Twăragérageje rēró kugira icó dutēréreye mu kwĭyumvīra kurí kazôzá k'Úburŭndi mu vy'ákarānga, imibâno, imiryāngo, imicó, imigēnzo, imyūga arí navyó twĭsūnze murí iki gikorwá.

Aríko rēró kubêra mu Burŭndi harí imiryāngo myĭnshi, umuryāngo umwé ukawusānga hĕnshi, imiryāngo y'Ábatwá ukamēnga irînyegeje, vyăbāye ngōmbwá kó tugirá akarêré k'ítōhōza tugahitamwó n'ímiryāngo y'Ábatwá dukorérakó irí mu turêré twēgéranye.

Ukutwūngānira n'úkuduhubūra bizōtubēra ngirakamaro vyōngére bitēzé imbere iki gikorwá.

Intâmbamyi

4. 1. Ku mwānditsi

Iki gikorwá kugíra gishiké ku musôzo wâco twăgīye turagira ingŏrane zitarí nké mw'ītûngānywa ryâco:

- Guhīndura indími mvâmahănga mu kirŭndi: Hari ibitabu twĭfashīshije murí iki gikorwá vyāndítse mu kinyámazûru bigasabwa kó ivyó twīfáshīsha tubihĭndura mu Kirŭndi, navyó bikatubēra igikorwá gihāmbâye kukówasânga hári amajāmbo yó mu kinyámazûru agōyé gushôka arônka ay'íkirŭndi bijānyé;
- Ingēndo n'úburyóbw'ámafarānga: ingēndo ntizătwōrohereje kukó ikirêré kirí hagatí y'âhó tubá n'âhó twăkoreye amatōhōza ntihări hêgeranye; vyăsaba kó dukorêsha amafarānga mu kwĭyunguruza túјayó. Vyărasábwa kăndi amafarānga mu guhá inzogá abatânгankurú kukó hari abătubwīra bati: "*bānza uduhé tunywé eréga ubunyegeri buyāgira kw'īgúfa*!"
- Ukwĭkēka kw'ábatânгankurú: nk'ûkó twābivuzé, mu mĭnsi yā mbere itōhōza ryărabatêra amakēnga bagatînya kuvúga bimwê bimwé ngo vyōbakwēgera nk'îvy'âmôko, imiziro n'íbĭndi.

4. 2. **Ku babûmvyi**

Intâmbamyi ababûmvyi b'í Mahōnda n'âbó mu Bihînda bagiránizimwé:

- Ibŭmba, arí nacó gikórēsho gikurú murí uwo mwūga barikūra kure kăndi ku misózi itarí iyăbo, bigatuma bîmīrwa;
- Amasafuriya yarágwīriye ntibakigura inkóno nêzá, n'úwuyíguze ayigura intîcá ntĭkize kăndi umubûmvyi yâyiruhiye;
- Ntākaguriro gaharí bashōramwó inkóno, bavyūka ijoro bakīrirwa bîkoreye bátāzí uwuzígura bagatāha irĭndi bátāhanye intîcá ntĭkize;
- Mu rushâná haba ingŏrane yó guteba kurōnka inkóno kubêra zūmá zítevye;
- Inkwí n'úbwătsi navyó nyéne birabagōra kubirōnka mu rushâná;
- Abâna bâbo ntibacītahó umwūga nk'âbâna bă̆ho hā mbere.

Hā mbavu y'ĭzo ntâmbamyi abo babûmvyi bătubwīye, nătwe hari izó twābōnye zībónekeza murí uwo mwūga nă̆hó batăzitubwīye:

- Ntā bikórēsho bikwīyé kăndi bitēyé imbere biharí: ivyó umubûmvyi wó mu mwâka w'1950 yakórēsha nivyó n'ûwó mu mwâka wa 2018 akorêsha;
- Ntā buryó bw'úmutăhe buharí ngo ababûmvyi bashobóre kurōnka ingurâne nk'ábăndi banyamyūga;
- Ntā mashŭre aharí bĭgamwó ibijânye n'ŭwo mwūga;
- Ntā gukórera mu mashírahámwe biharí kurí abo babûmvyi;
- Abatwăre ntibītâyehócane igisáta c'úmwūga wó kubûmba

Mu gusôzēra rēró iki gikorwá, twōrāngiza nk'úmwānditsi dúsaba ibi bikuríkira:

- Abānditsi, na cānecâne abó mu gisáta c'îndími n'ámayăgwa vyā Afriká, bōkwĭtahó kugira ubushākashātsi ku bijânye n'ímyūga n'ímiryāngo vy'Ábarŭndi kukó bigumá bitītūka;
- Hōbá amanágūrwa ku rwêgo rw'ígihúgu y'ábĭze ivy'ímicó n'ákarānga vy'Úburŭndi bakabona nabó kuvyîgīsha abăndi;
- Rēta yōfásha abanyamyūga bagakórera hamwé mu mashírahámwe kugíra bītêze imbere;
- Amashírahámwe na yó ahasănzwe y'ímicó ndāngakarānga yōtêrwa integé;
- Hōkwōngerezwa ibigó vyīgîsha imyūga;
- Urwāruka rutīgá rwōhimirizwa kwĭga imyūga, báhejeje kubîgīsha bakabáha ibikórēsho bijānyé n'ŭwo mwūga kugíra bajé ku kibúga;
- Abăndika ku vy'ímicó n'ákarānga k'Úburŭndi bōkwāndika mu Kirŭndi;
- Abānditsi n'ábasomyi bōgira icó bōngéye kurí iki gikorwá kikajá ahabóna.

Túmaze kurāba inyishú abatânzi b'ínkurú bǎgīye barīshura ku bibázo twǎbabajije, twǎcīye túbabaza ivyîpfūzo vyâbo kugíra twūmvé iryó bagoná. Twîhwējе ivyîpfūzo vyâbo ntaho bitāndúkāniye n'îvy'ábǎndi Barŭndi böse:

- Indyá;
- Ibitŭngwa;
- Amahóro;
- Ahó barimá bakīmbura nk'ábǎndi;
- Kurūngika abâna kw'īshŭre kugíra bazôkwāndíke nabó ibitabu vyĭnshi ku miryāngo yâbo, abǎndi bamenyé gusoma bazé bīsómere amâmūko y'ímiryāngo yâbo;
- Kó Rēta yōhagárika ibikóresho vyó hānzé bisubírira inkóno gútyo ivy'íwǎbo bikarōnka isokó;
- Kó twōrōndéra abǎndi batōhōji tukaja kubîgīshiriza abâna n'ábŭzukuru ivy'ímiryāngo, ngo nihó bōkūndána.

IBIBÁZO VY'ÍTŌHŌZA

1. Ukudôndōra umutângankurú

a.Mběga wītwa ndé? Wa ndé? Wa ndé?

b. Umuryāngo wânyu muri abakí?

c. Ufise imyâka ingâhé?

d. Wavûkiye hêhé?

e. Uwu mutŭmba mubakó wītwa gúte?

2. Ibibázo vyērékeye imiryāngo

a.Izína ry'úmuryāngo wânyu wōba uzí icó risigûra?

b. Uwo muryāngo urafíse icîvugo?

c. Mběga ico cîvugo cōba câvūye kukí?

d. Amâmūko yânyu ni hêhé?

e. Wōmenya igihe uwo muryāngo washíkiye ngâha?

f. Nī ndé mu muryāngo wāwe yatânguye kugerēra ngăha? Yajé ryârí ? Yajé gúte ? Yajé kubêra ikí ?

g. Umuryāngo wânyu uhāna imbíbe n'ímiryāngo iyîhé ?

h. Wōmenya iyĭndi mihîngo dusāngamwó uwo muryāngo wânyu? Ni hêhé?

i. Abó murí iyo mihîngo hári ubucutímufitániye?

j. Uwo muryāngo hári ibisatá (amashámi) ufisé? Ibîhé?

k. Wōmenya ingéne băgīye barîyunga?

l. Abó mwăhānye abageni gushitsa ubu ni abó mu miryāngo iyîhé?

m. Hōba hári abó mutĭgeze múhāna abageni kubêra imvo kānāká, nk'ímiziro cânké izĭndi mpămvu? Ni abakí?

n. Hōba hári abăbagerēreye, abăbahāye itōngo? Ni bāndé? Vyăhēreye kurí ndé ?

o. Mwehó hári abó mwăgerēreye? Ni bāndé?

p. Ni iyîhé micó ibarănga?

r. Hari imiziro umuryāngo wânyu ufise ku birĭbwa?Ibitûngano? Abāntu n'íbĭndi?

s. Hari ivyó mwăziririza kĕra n'ŭbu bikizirá?

Hari ivyó muziríriza ubu kěra bítăzira? Ni ibîhé ?

Hari ibimazi umuryāngo wânyu ufisé ? Ibîhé ?

3. Ibibázo bijānyé n'úmwūga wó kubûmba.

a. Wewé watânguye kubûmba ryârí ?

b. Wavyîgīshijwe na ndé ?

c. Ubwôko bw'înkóno ubūmbá ni ubûhé?

d. Wombwîra icó zikorá?

e. Ibikórēsho ukorêsha kuva utângura inkóno gushika yûzuye ni ibîhé?

f. Ubikūra hêhé?

g. Wōshóbora kŭmbwīra intâmbuko nkurûnkurú zigizé umwūga wó kubûmba?

h. Ibûmba urikūra hêhé? Urivānga n'íbikí?

i. Ahó ubūmbíra hītwa gúte?

j. Ni bāndé babūmbá (igitsína, umuryāngo, imyâka) ?

k. Hari imiziro ijānyé n'ŭwo mwūga ? Ni iyîhé ?

l. Hari akarírīmbo, umuganí, umwĭbutsa, akazêhé bijānyé nó kubûmba inkóno wōshobóra kŭmbwīra ?

m. Ingŏrane mugirá murí uwo mwūga ni izîhé ?

n. Nōné musaba ikí?

URUTŎNDE RW'ÁBATÂNGANKURÚ

	IZÍNA	IMYÂKA	UMURYĀNGO	IGITSÍNA	UMUSÓZI AGACĪMBIRI	AMÂMŪKO UMUSÓZI/ KOMĬNE	ITARIKI Y'ITOHOZA
1	BAREKENSABE Goreth wa Kâjekuryá wa Mínago	±50	Umushĭhakazi	Umugoré	Gahwazi II Mahonda	Matōngo Kayānza	8/7/2014 14/5/2015
2	NDERAGAKURA Jeanwa Mayōmbe wa Gahōyi	±65	Abăzāge	Umugabo	Gatāgura	Gatāgura Mpānda	8/7/2014 14/5/2015
3	NSONGOYE Jacqueline wa Ndimurírwo	±75	Ntawo azí	Umugoré	Gifurwe Bihinda II	Musenyi Gako	5/8/2017 6/8/2017
4	BASHIRINZIGO Valerie wa Bápfubusá wa Ririkumutíma	±80	Ntawo azí	Umugoré	Gifurwe Bihinda II	Musenyi Gako	5/8/2017 6/8/2017
5	BIGIRWANIMANA Gramien wa Máhwēre wa Mbāsha	±70	Umukwāfu	Umugabo	Gifurwe Bihinda II	Buvyuko Bubanza	5/8/2017 6/8/2017
6	CEWUSI Mubembe wa Mbāyahăga wa Karikĕra	±58	Umushŏnge	Umugabo	Gifúrwe Bihînda II	Gako Mpānda	5/8/2017 6/8/2017
7	IRANKUNDA Kâna wá Tōyí wa Nzikórurího	±55	Umwĭzihiza	Umugabo	Gifúrwe Bihînda II	Bubēnga, Musigâti	5/8/2017 6/8/2017
8	NTAMAKURIRO Jotham	-	Umuhânza	Umugabo	Gahwâzi II Mahōnda	Matōngo Kayānza	14/5/2015
9	BERANWA Janvier wa Mayōmbe wa Gahōyi	±53	Umŭzāge	Umugabo	Gahwâzi II Mahōnda	Gatāgura Mpānda	8/7/2014 14/5/2015

10	BIGIRIMANA Léocadie Wa Bānyankiyubusá wa Ndegeya Wa Músoróro	46	Umuhânzakazi	Umugoré	Gahwâzi II Mahōnda	Karūnga Isáre	23/11/2017
11	PHANUGUHORA Béatrice wa Kányōnga wa Kayangayanga Wa Nyámuhené	±50	Umushĭhakazi	Umugoré	Gahwâzi II Mahōnda	Bihūnge Matōngo	23/11/2017
12	IRAMBONA Viola Wa Bānyankiyubusá wa Ndegeya Wa Músoróro	±26	Umuhanzakazi	Umugorí	Gahwazi II Mahonda	Karūnga Isáre	23/11/2017
13	CIZA Imelde Wa Batūngabátevye wa Rurazîkiye wa Ndabagōye wa Nyabagasa	±50	Ntawo azí	Umugoré	Gahwâzi II Mahōnda		23/11/2017
14	CUNDE Léonidas wa Nikobankoreye wa Ntîhá wa Kabēya	±120	Umuzige	Umugabo	Gahwâzi II Mahōnda	Karūnga Kigănda Murāmvya	14/5/2015
15	KANYAMUNEZA Frédiane wa Kâjekuryá wa Rúrāmbo wa Gáhŭngēngeri	±26	Umŭzāge	Umugoré	Gahwâzi II Mahōnda	Rudehe Matōngo	8/7/2014 14/5/2015

Amafoto ya bámwē bamwé mu batângankurú



BERANWA Janvier



CUNDE Léonidas



PFANUGUHORA Béatrice



BIHANIZE DJuma



KARANGANWA Lazare



BAREKENSABE Goreth







KANYAMUNEZA Frédiane **IRAMBONA Viola**



BIGIRIMANA Léocadie

URUTŎNDE RW'ÍBITABU VYĂKORĒSHEJWE

1^{0}) KAZĪNDŪZI

1. **LAROUSSE,** Dictionnaire des civilisations africaines, Paris, Hasane, 1968
2. GUILBERT L., Grand Larousse de la langue française, Librairie Larousse, Paris, 1972,
3. **HACHETTE,** Dictionnaire, Paris, 1980
4. **LAROUSSE,** Dictionnaire français, Herissey, France, 1995
5. **Librairie Larousse**, Larousse universel, MontParnasse, Paris, 6eme Edition, 1982
6. **RODEGEM F. M.,** Dictionnaire rundi- Français, annales du musée royal de l'Afrique centrale, Tervuren(Belgique), 1970

2^{0}) IBITABU VY'ÚBUMENYI RÚSĂNGI

1. CNUEH, Lesenquêtes socio-économiques dans le cadre des projets urbains, Naïrobi, Kenya, 1987

2.LEVI-STRAUSS C., Anthropologie structural deux, Plon, Paris, 1973

3. NOTHOMB D., Un humanisme africain, Lumer, Vitae, 3è édition, Bruxelles, 1962

3^{0}) IBITABU VYĒRÉKEYE UBURŬNDI N'ÁKARÊRÉ K'ÍBIYÁGA BINÍNI

1. BOURGOIS L., Les Banyarwanda et Barundi, Thome 3, Ethnographie, Bruxelles, 1956

2. GAHAMA J., Histoire du Burundi, des origines à l'indépendance, Bujumbura, 1990

3. GAHAMA J., Le Burundi sous l'administration belge, Karthala, ACCT, Paris 1983

4**. MWOROHA E.,** Peupleset Rois d'Afrique des Grands Lacs, le Burundi et les royaumes voisins du 19è siecle, Dakar, 1977

5. NTAHOMVUKIYE H., Les miziro, éléments d'éducation morale et religieuse, Louvain La Neuve, 1981

6.NTAHOKAJA J. B., Imigēnzo y'íkirŭndi, Bujumbura, 1978

7. RODEGEM F.M.,Motivation du culte initiatique au Burundi, in*anthropos,* vol 16, No 5-6,Tervuren, 1971

8. ZUURE B., L'âme du Murundi, *Paris, Beauchesne et fils*, 1932, 3è édition

9. ZUURE B.,Croyances et pratiques religieuses des Barundi, Bruxelles, éditionde l'Essorial, 1929

10.UNESCO, Imicó n'ímigēnzo ndângabúrŭndi n'ábayîtīrirwa, icēgeranyo c'ívyătōhōjwe, Bujumbura, 2009

4^{0}) IBITABU VY'ÚMUTSÎNDO

1. BARINAKANDI F., Leconcept d'ibanga d'après les contes rundi, Bujumbura, 1979

2. BIGIRIMANA P. C., Le rôle et la place du clan des Bajiji dans les structures politico-administratives de l'Etat burundais des origines jusqu'au 20è siecle, Bujumbura, 2005

3. CIZA A.,Kazīndūzik'ámajāmbo yērékeye kubāndwa nó gutérekēra. Itōhōza ryăbēreye muríkomĭne ya Rutana, Bujumbura, 2011

4. NDAJUJUTA T., La forge et la poterie en milieu rural: cas de la commune Kayokwe, Bujumbura, 1984

5. NENGO E., Etude lexico-sémantique du vocabulaire kirundi lié à la poterie, Bujumbura, 2007

6. RUCAKUMUGUFI S., *Le* vocabulaire technique des potiers batwa des communes Busiga etNgozi : description morpho-sémantique,Bujumbura, 1987

7. SADIKI E., Umuryāngo w'Ábashûbib'í Gitára kwāKarabôna : Itōhōza ryăkozwe mu makómĭne ya Nyábihănga, Kayōkwe, Ryānsoro,Nyarúsāngé na Gíshūbi, Bujumbura, 2008

INYÓNGERÁ

IGISOMWÁ CÃ MBERE:

Umuganí wa"Mwîshwa wa Rwānkiriza"

"*Hăbāye umukŏbwa, uwo mukŏbwa akaba umutwâkazi. Akagira inárume yĭtwa Rwānkiriza. Uwo mukŏbwa kăndi yarágayana, akagaya iwăbo, akagaya n'úmwūga wa nyina arí wo wó kubûmba, akagira ati: "Jēwé sínzōkwĭyanduza ngo ndikó ndabûmba!" Nyina wîwé akāma amúhanūra imĭsi yöse, abônye barúmunawé bárikó barabûmba ati: "Endâ mwănānje réka kwĭmāramāza ejó nănje ntŭze umăramāze ngo mburé umukwé!" uwurí umukŏbwa ati : "Ĕmwe kira ntâ mukwé uzobúra, mberé ushîma jēwé nzōja mu Bahutú!" Hácīye imĭsi nyina yámuhanūye kuva kĕra arateba araruha, ni kó gufáta ingīngo yó kureka kugaburira wâ mukŏbwa, agíra ati: "Kó nagúhanūye kĕra ukānanira, guhêra ubu ntŭze wōngére gukóra kū nkōko imwé n'âbâna bānje, kukó ivyó baryá biva mw'ībŭmba wagáye." Wâ mukŏbwa abônye hácīye imĭsi ibiri ataryá, inzara imúgōndōje aratá arômoka, afata inzira agēnda arayérēra. Ashíkiriye umuhana baríko barabûmba agatērera mu kajwí ati:*

"Ndâzi kubûmba, ndâzi kubûmba;
Ndi mwĭshwa wa Rwānkiriza;
Ndâzi kubûmba;
Ndi mwĭshwa wa Rwānkiriza;
Imibĭndi y'í Murâmba;
Ndi mwĭshwa wa Rwānkiriza."

Na bó bâmwūmvirije kĕra bakavúgana bati: "Ĕwe umwĭgeme arí hano ni intŏre, umūntu azí kubûmba imibĭndi angána gútyo! Kăndi imibĭndi y'í Murâmba turayîzi irakomera cāne. Nimumuzimâne ahezé atubŭmbire umubĭndi!" Bakamugaburira, bîbaza ngo agōmba ababŭmbire, akayōragura máze ahéjeje agakûzakó akîruka. Uwo mukŏbwa, ahó bwījé agéze ni hó yarâra, búkēye agakomeza kuyérēra nka kwâ kūndí. Yôngeye gusōnza akōngera kurāba ahó Abatwá babá akaja kurírīmba kwâ kūndí kwā mbere ati:

Ndâzi kubûmba, ndâzi kubûmba;
Ndi mwĭshwa wa Rwānkiriza;
Ndâzi kubûmba;
Ndi mwĭshwa wa Rwānkiriza;
Imibĭndi y'í Murâmba;
Ndi mwĭshwa wa Rwānkiriza

Máze na bó nyéne bámwūmvīse kó azí kubûmba imibĭndi arí mutó, bakamugaburira, ahéjeje ahó bōmutumyé bagasānga aharí impené hásigaye ikiziriko. Yábikoze kĕra arateba aramenyēkana, baramúhērerekanwa ntíbāba bágisubīra kumúha indyá zâbo, apfa ayérēra, asāngukira hējuru."Si je nōhaherá

IGISOMWÁ CĀ KÁBIRI:

Garuka rukógoto we;

Garuka rugényo rwānje;

Rwănkoreye inkóno;

Buca nshôra we;

Rwănkoreye inkóno.

Aka kavyíno bakarirkīmba báhayagiza ibikórēsho bibiri: urukógoto n'úrugenyo.

- Nk'ûkó twābivuzé, ***urukógoto***ni agakórēsho bakorêsha mu kwăgura inkóno imbere mu gihe baríko barabûmba. Barukūra ku gishíshwa c'úmuhănyu w'íkibăngabānga cēzé nêzá.
- ***Urugenyo***na rwó ni agakórēsho bakorêsha mu gucá amagárwe inkóno. Barujīsha mu muhwâzi cânké mu murará.

IGISOMWÁ CĀ GÁTATU:

Icītabirizo:

"Ngira ndahíre mwĭza wānje ;

Ngira ndahíre indahiro Jumá we;

Ngira ndahíre mwĭza wānje."

Ibitêro:

"Ibŭmba ryā Gáhwāzi ryāmunaniye: Ngira ndahíre mwĭza wānje;

Yabūmvye akabêhé kāmunaniye:Ngira ndahíre mwĭza wānje;

Yabūmvye agakóno kāmunaniye: Ngira ndahíre mwīza wānje;

Yabūmvye akazĭhebe kāmunaniye: Ngira ndahíre mwĭza wānje.

Aka kavyínona kó ngo bakavyina mu gucōkōra umutwâkazi yakúze atábūmbá máze bakakavyinira umugabo wîwé bamwēreka kó yĭhēnze mu kurésha

Aho baca báguma badōndagura amazína y'înkóno zöse babūmbá mururírīmbo**.**

Amafoto ya bámwēbamwé mu batângankurú










KARANGANWA Lazare


BAREKENSABE Goreth






IRAMBONA Viola


BIGIRIMANA Léocadie